# Imana ya Kino Gihe Kibi
Jeffersonville, Indiana USA
01 Myandagaro 1965 Mu Gatondo

1 [Mwene Data Orman Neville avuze ati: "Iki cegeranyo, inyuma y'umubonano rusangi w'inama y'abadiyakoni be n'inama y'abazezwa-bintu ba rino hema wabaye kuwa Gatanu ku mugoroba, tubasomeye izi ngingo za nyamukuru kuri buri mugabo, na buri mugore, bikaba vyega uwahisemwo kwifatanya na kino gikorwa c'ibango kandi yipfuza kumenya ukwo abagize izo nama babibona, umwungere, be n'umwungere mufasha. Ngomba nsome zino ngingo mur'iki gitondo. Umwe wese ibi avyumve neza kandi abigabeko ukwo mushoboye." Mwene Data Neville asomye ingingo zikurikira - Umw.]

["Izi ngingo zafashwe zongera zemezwa n'inama y'abazezwa-bintu n'abadiyakoni, mu bwumvikane bwuzuye n'umwungere be n'umwungere mufasha.]

["Amabǎnde yose y'Ubutumwa bw' Umwubahwa William Branham agiye kuza arakorwa na mwene Data Fred Sothmann wenyene, gushika habayeho urutonde rushasha rw'abagize inama. Kugez'ubu ntitwemera igikorwa c'ibango na kimwe c'amabǎnde cigenga. Aya mabǎnde arakingiwe, kandi nta wundi muntu ashobora kuyābūra gushasha atari Fred Sothmann kiretse uwufise uruhusha rwanditswe na we.]

["Ikigira kabiri. Nta muntu n'umwe akoresha ibikorane, agurisha ibitabo canke amabǎnde, yandika udutabu, akwiragiza ibitambara bisengewe canke amakarata ayo ari yo yose, canke asaba intererano, ntibazwi na rino shengero canke umwungere waryo. Babikora mu vyitwazo vy'uruyeri kandi ata burenganzira na bumwe bahawe bwo kubikora.]

["Gatatu. Iri shengero nta bakozi b'Imana na bamwe rirungika gukoresha ibikorane ahandi na hamwe, kiretse umwungere waryo, umwubahwa William Branham.]

["Imvo z'izi ngingo ni izi zikurikira : ]

"Twarumvise yuko hariho abakozi b'Imana bariko barakwiragira mu gihugu, bakinjira mu makoraniro y'abandi, bavuga ko bakorana, kandi yuko barungitswe n'iri shengero, gukoresha ivyo bikorane.]

["Twarumvise kandi yuko hariho abantu bariko barasohora amakarata n'udutabo, barungika n'ibitambara bisengewe n'ibindi, nk'aho umengo bemerewe na rino shengero n'umwungere waryo gukora ivyo bintu, ivyo navyo bikaba atari vyo. Bizoba ari vyiza cane nimwamenyesha ishengero umuntu wese muzosanga ariko akora ivyo bintu.]

["Zino ngingo zarasomwe zongera ziremezwa n'umwungere umwubahwa William Branham, umwungere mufasha umwubahwa Orman Neville, hamwe n'inama y'abazezwabintu n'iy'abadiyakoni.]

[Mwene Data Neville yongeyeko ati: "Umwami abahezagire." Mu Gikorane co ku muhingamo, 01 Myandagaro 1965 Ku mugoroba, niho mwene Data Branham avuga ingene inama y'ishengero yafashe izo ngingo. Agace katavuga kuri bǎnde.]

2 Birashoboka, izere gusa;

Izere gusa, izere gusa,

Vyose birashoboka, izere...

Reka twunamike imitwe yacu.

Mukundwa Data wo mw'Ijuru, turashima cane kano gatondo kubona dushobora kwizera. Amaraso yasesetse y'Umwana WaWe, Yesu, niyo yatumye bishoboka, kugira tube abasangira ubuntu bwiWe; kandi duhinduke abahungu n'abakobwa b'Imana, kubwo kwumvira kwiWe gushika ku rupfu rwo ku musaraba, dutsindanishirizwe no kuMwizera n'izuka ryiWe, ubu naho Mpwemu Yera yaracuncubuwe mu mitima yacu.

Turashimye kuri rino bakwe ryo kuza hano mur'aka gatondo kugira dusangire ivyiyumviro vyacu n'ugusenga kwacu, biciye mu ndirimbo, intahe, mu gusoma amazaburi, mu gusoma Ijambo RyaWe, no mu kurindira mu buryo budasanzwe ko Mpwemu Yera aduha Ubutumwa bugenewe iyi saha. Biduhe, Mwami. Reka twunguke ku kuba turi hano uyu munsi. Kandi nitwamara kuva mur'iyi nyubakwa, reka tuze kuvuga nka ba bandi bariko barava i Emawusi: "Mbega imitima yacu ntiyariko irurumbira imbere muri twebwe, igihe yariko avugana natwe mur'aka gatondo?" Nubiduhe, Mana Ihoraho, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen

Nimuvyagire.

Mwaramutse neza, bagenzi, hano, harya hanze y'Ihema no ku ncuti ziri hirya no hino mu gihugu, hose kuva ku nkengera yo mu burengero, ubugira kandi mur'aka gatondo, gushika ku nkengera yo mu buseruko, mu buraruko no mu bumanuko, bariko badukurikira biciye kuri terefone.

Ni umurango mwiza hano muri Indiana, gato, ibicu bike, harapfutse, hasa neza cane. Mw'Ihema huzuye, hanze mu kibuga n'irya n'ino y'ibibambazi. Twiteze bimwe bidasanzwe yuko Umwami atugendera

uyu munsi. Kandi turizeye ko Imana yabahaye umurango mwiza aho muri hose. Kandi ni umunsi mwiza, kuko Umwami yawutanze. Ntaco bitwaye ukwo ikirere kimeze, ni umunsi umeze neza. Turanezerewe kuba turi hano, turanezerewe kubona tugifise akaryo ko kugaragariza isi ukwizera kwacu muri Yesu Kristo. Kandi tugomba dufate buri karyo dushoboye kugira tugaragaze urukundo rwiWe n'ivyo yadukoreye. Uyu munsi tura...

3 Nahawe, mu mwanya uheze, i - itangazo ryo gutanga, kandi ndafise ibintu bike nashaka kuvuga. Kandi kimwe muri ivyo, iryo tangazo nahawe ryerekeye wa mubonano w'inama yabaye ku mugoroba wa hirya y'ejo. Rero hariho umudiyakoni umwe wo mw'iri shengero yahisemwo kwimukira muri Arizona, uwo nawe ni mwene Data Collins, mwene Data wacu mwiza cane. Rero mu gihe adahari, bóbo, inama, bumvikanye yuko mwene Data Charlie Cox agiye kumusubirira mu gihe agiye. Mwene Data Charlie Cox yagenywe ku mugaragaro n'inama y'abazezwabintu...nakwo, n'inama y'abadiyakoni ba rino shengero, yuko asubiriye mwene Data Collins mu gihe atari ho ari.

4 Kandi ikintu ngomba nongere kuvuga, ngomba kubashimira mwese bantu - kubera bamwe baza gutaha imbere y'igikorwa co gukira indwara c'uyu mugoroba - kubw'utuganuke twiza duto, vyerekana urukundo. Twarazaniwe ibifungurwa vyinshi kuva turi hano. Kandi jewe n'umugore wanje, be n'umuryango wanje, ivyo turabikengurutse vy'imvamutima. Rimwe na rimwe ndibagira no kugira ico ndabivuzeko. Turafatīrwa cane, murabizi. Ivyiyumviro vyanje vyama na ntaryo mu guhungabana kudasanzwe. Murashobora kwibaza uko biri, ku bantu, atari ab'aha mw'iri shengero gusa, ariko bo hirya n'ino kw'isi. Murabona? Ni nk'aho umengo bingumiza mu gungabana umwanya wose.

Hariho umuntu umwe yamye avuga ku bijanye no guhezagiza abana, n'igikorwa c'umubatizo, n'ibindi. Ivyo ni vyiza cane. Nari nipfuza kubikora, ariko biragoye, ndo - ndonka umwanya bigoranye. Mbwirizwa kugumiza umutima kur'ibi, ubu Butumwa. Murazi Bibiliya yabwiye intumwa, canke... Nakwo, Intumwa zavuze muri Bibiliya, ziti: "Gende mwihweze muri mwebwe nyene, hagati yanyu, abagabo bashingirwa intahe nziza, b'imvugakuri kandi buzuye Mpwemu Yera, hanyuma biteho ivyo bintu." Kandi nacîye mbwira Billy...

Yavuze ati: "Ubu ho ugira uhezagire umwana, ga dawe?"

Nca mvuga nti: "Ôo, bagenzi!" Murabona? Iyo… Turafise benshi barindiriye guhezagirwa, kandi ivyo ni vyiza, nzotegerezwa kugaruka maze mfate umunsi w'umwihariko wo guhezagira abana. Kubw'ivyo nari nipfuza kubikora, kano kanya.

5 Ariko dushaka dushimire umwe wese muri mwebwe bivuye ku mutima; umugore wanje, jewe, n'umuryango wacu. Abantu baratuzanira ibintu bitekewe mu magopo, ibiharage vyera birimwo amavuta y'inka, amapasiteke, imyungu, ôo, inkere. Buri kintu cose wokwiyumvira, barakizana.

Mwene Data w'igiciro na mushikiwe, ejo, batuzaniye idendo nini. Ndacayirya. Kandi rero... Ôo, Ndibaza ko nzotegerezwa kuyimara imbere yuko ngenda. Kuko nintayimara, umugore wanje azoyizana tugende tuyijanye. Kandi ku - kubw'ivyo tuzo... Turakenguruka vy'ukuri kubw'ivyo bintu. Benshi mur'abo bantu ndabazi; bamwe muri bo ntabo nzi. Tubisanga mw'ibaraza iyo twinjiye. Rero vy'ukuri ndabikenguruka cane.

Kandi benshi ndabazi. Ndafise... Benshi nababonye, kandi hariho n'abandi benshi ntashobora kubona. Nda - ndazi neza yuko umwe wese atahura yuko na - nari nipfuza gushikira umwe wese iyaba nobishoboye, ariko ndi umwe gusa. Murabona? Ku... Sinoshobora gushikīra umwe wese. Ndiko nkora buri kintu cose nzi ingene gikorwa.

6 Rero Imana ibane namwe. Ndazi neza yuko hariho Umwe aza kubana namwe; UWo naWe ni Yesu Kristo, kandi Arabishoboye. NiWe Muntu wenyene abera hose icarimwe. Ari kandi Anashoboye vyose, kubw'ivyo Arashoboye kubaha ivyo mukenewe vyose. Kandi, Azi vyose, Aranazi ivya nkenerwa vyanyu, ivyo mukeneye.

Ndemeje bur'umwe wese yuko ntaza ku... Nama nyarutsa ukwo nshoboye, no kuva ndi hano mu gatondo k'uyu munsi, kandi nanje ndaza gushikira uwo nshoboye gushikira wese. Kandi nibita... Ico ntashoboye, Ya Mana Mushobora vyose ize - ize kubaronsa ivyo mukeneye vyose nk'uko Ubutunzi bwaYo bw'Ubwiza buri.

[Mwene Data Branham arahagaritse, aciye avugana na mwene Data Neville - Umw.] Ibi sinshoboye kubisoma neza. Wobisoma wewe?

Ni itangazo ry'umwihariko ry'uburyo kanaka. Kandi nibaza ko Billy Paul ategerezwa kuba ari we yaryanditse. Ameze nkanje; sinshoboye gusoma n'inyandiko yanje bwite. Nifitiye ukuntu nandika kw'iwanje nyene. Nka hamwe mwobona bimwe mu vyandiko vyanje hano, vyanditse hano, mwibaza ko nk'ibi mwokwigera mubitahura? [Mwene Data Branham aciye yereka ikoraniro ivyo yanditse, aca aratwengana nabo - Umw.] Mfise ibisa nk'inyenyeri, iriko irajabuka ikiraro, n'ibindi nk'ivyo, vyose gusa...

[Mwene Data Neville aciye asoma itangazo - Umw.]

Mwene Data Adair, Adair wo muri Alkansas, nagende kuraba vyihuta Umwubahwa Pearry Green aha inyuma y'ishengero. Vyiza cane.

7 Ubu, ikindi kintu na - nashaka kumenyesha hano ni - ni uko, ni ibikorane vyo gukira indwara kur'uno mugoroba. Turaza gusengera abarwaye kw'uyu mugoroba, kandi ndi - ndizera yuko muza kuba muri hano.

Kandi turarungitse intasho ku bantu bose bari hirya no hino mu gihugu, mw'Izina ry'Umwami Yesu, kugira Imana ize kubahezagira kano gatondo. Bamwe bo muri mwebwe muri hafi isaha zitandatu z'umutaga. Hariya ruguru i New York, ni nko mu masasita. Kandi hakurya muri Arizona, ku ruhande rwo mu Burengero, ni hafi isaha imwe yuzuye. Rero hariho… Natwe hano turi neza na neza hagati. Rero Imana ibahezagire mu gihe muriko murumviriza. Ubu rero ibi birashobora…

Vyanje mu mutima, mu gihe nari hano…

8 Kandi batwimye inyubakwa z'amakoraniro, ariko mu nyuma bahavuye basa n'abaduha uruhusha; ko twogira igikorane kimwe, ariko ko tutosengera uwurwaye n'umwe. Si - nda… Ico nico gikorwa c'ibango ryanje. Ntegerezwa gukora ico Mpwemu Yera ambwiye gukora. Kubw'ivyo, na - naciye ndavyanka, kuko nshaka kuba mu mwidegemvyo wo gukora ico Mpwemu Yera ambariye cose gukora. Murabona? Rero niyumviriye ko dushobora kwihangana uwundi munsi umwe, mu buryo kanaka, aha mw'ihema. Kandi harapfutse mur'aka gatondo. Umwami yaduteguriye umunsi mwiza hano, rero turabishima.

9 Ubu, mu gukora ibi, naje hano mfise intumbero yo kwigisha kuri za Nzavya za nyuma, za Nzavya Ndwi za nyuma, na za Nzamba Ndwi za nyuma, be na ya Mituragaro Ndwi ya nyuma, vyo mu Gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, mu kubihuriza hamwe muri iki gihe tubayemwo; kugira ngo bikurikire rya yugururwa ry'Amashashara Ndwi, vya Bihe Ndwi vy'Ishengero. Rero, ntitwoshobora kuronka ikibanza co kubikoreramwo. Kubw'ivyo ndi - ndizigiye yuko, vuba ukwo nshoboye, tuzo…dushobora kuronka ikibanza gihagije kubw'ivyo, haba hano canke i Louisville, New Albany, canke naho tugashinga ihema, kugira ngo dushobore kuhaguma igihe cose Umwami azoturongora kubikora.

Ariko mur'ibi rero, nararonse rino bakwe ryo kugaragariza abantu ivyo nizeye be n'ukwizera mfise mu Mana, no kubazana mu gihe tubayemwo. Kandi kuri ibi, ntibirabishijwe ku muntu kanaka, za nemera, uko vyoba kwose; nikwo mbona Ijambo ry'Imana gusa. Kandi kuw'Iyinga uheze twararonse ukwicukumbura kudasanzwe kwa Mpwemu kw'Ijambo. Vyari birebire cane, kandi sinakunze kubona nafashe uwo mwanya muremure wose; ariko ntituzi igihe tuzokorana incuro ya nyuma. Kandi dutegerezwa, nk'uko…dushaka kuba. Nshaka kuba, nakwo, nk'ukwo Paulo yavuze kera ati: “Sinacishije iruhande mbabwira ivy'Imana yagabiye vyose.” Yesu yavuze ko ataco yanyegeje abigishwa biWe.

Co kimwe nanje, nguma nitwararika cane kugerageza kuguma musi y'isigwa rya Mpwemu Yera, kugira menye ni gihe ki, Ubutumwa bw'iki gihe ubwo ari bwo, rimwe na rimwe ndananirwa gusohoka gukora inshingano zanje nk'umukozi wa Kristo, nk'umuvugabutumwa. Ariko ndafise abantu benshi bagerageza kumfasha kubikora, kandi ndabishima, bene Data banje bose b'abakozi b'Imana.

10 Ubu, sinshatse kuvuga yuko ngerageza gufatira abantu. Nimba mwebwe, muri hiyo mu gihugu iyo buno Butumwa buriko buraja, hamwe mwoshobora guhaguruka hama mugatereza amaso irya n'ino kur'iri shengero kano gatondo, mu mayira, aho bahoreza abana, hanze, aho amaradiyo yuguruye, mu mabisi, izikwegana, n'ahandi, n'imiduga, mwoca mubona ingorane iyo ari yo. Kandi rero, kuri buri gikorane, benshi, benshi barengana mu miduga; abaterefona, n'ibindi, ntibaba bashoboye kwinjira canke ngo begereze. Rero dukeneye ahiyaguye bihagije kugira abantu bashobore kwicara kandi bamererwe neza.

Hama rero mu kuzana U - Ubutumwa ubwo nibaza ko ari ngirakamaro cane, numva bidusaba yuko, umwe wese, aba yiyumva neza kandi yicaye, kugira ngo dushobore kwumviriza; dufise amakereyo yacu n'urupapuro, aho twandika na Bibiliya, n'ibindi nk'ivyo, tukaza tu - turandika. Ariko mur'ubu buryo niyumviriye kugaruka ku gihe dufise, tubayemwo, hama ngerageze kuzana bimwe mur'ibi bintu mugiye guhura navyo. Kandi mugiye kubikenera.

11 Nimba nje ng'aha uyu munsi, canke uwundi munsi uwo ari wo wose, canke uwundi mukozi w'Imana wese, mu kugerageza kuzanira ubutumwa abantu, ihanga riri ku mpfiro nkatwe, kandi igihe kiregereje cane, nk'uko ndavyizeye mur'iki gihe; noba ndi indyarya hamwe nogerageza kuzana ikintu kanaka nzi yuko kiza kubahimbara kandi kikaba kidahuye n'Ijambo ry'Imana, canke ikintu kanaka mu gukwēgēra isinzi ry'abantu, canke ikintu nk'ico; Noba ntari…Noba ntari ico mbereye hano, umuvugabutumwa wa Kristo. Ngomba kuzana ikintu kanaka nibaza ko ari ngirakamaro cane kuri mwebwe, atari kugira niyerekane; ariko mfíse iciyumviro yuko ari ikintu kanaka ku buryo mpfuye uyu munsi, ejo kizoba cashinze imizi mu mitima yanyu kugira mugende kandi mukorere Imana.

12 Ubu rero ngomba kuvuga yuko hariho ikintu kanaka kiri mu gushika. Ndakizi. Benshi muri mwebwe muribuka igihe mwene Data Junior Jackson aza kundaba gato imbere yuko nja muri Arizona, ku ndoto yari yagize. Mbega ikintu gitangaje! Ni bangahe bavyibuka? [Ikoraniro rivuze riti: “Amen.” - Umw.] Kandi

Umwami yaraduhaye insobanuro yavyo, kandi vyǎshitse ukwo nyene. Ubu naho, yaragize iyindi ndoto, ikintu kanaka.

Kandi igitangaje, hari umuntu yari hano ejo bundi, ava i Oregon. Asa n'uwutanzi, rero yari…yarose indoto imwe ku bijanye, na bimwe Junior Jackson yarota, ha - hanyuma aca araza kumbwira. Si - sinzi ico bisigura; niteze Umwami. Kimwe gusa ndazi ko kizoba ari ikintu kanaka kivuye ku Mana. Ivyo gusa muvyibuke. Ni NIKO UHORAHO AGIZE. Ni Ikintu kanaka kije kiva ku Mana. Sinzi ico ari co. Biratangaje vy'ukuri, biratangaje cane! Vy'ukuri, twisunze izo - izo ndoto abo bagabo babiri… Umwe muri bo noba… kumbure ni Umubatiste, Umuperesipiteliyano. A - ashobora kuba yicaye hano mur'aka gatondo. Sinzi. Yari hano ejo bundi. Uwo muntu sindamuzi.

Ariko yariganye iyo ndoto, n'amosozi mu maso. Kandi yaramuhindishije agashitsi. Yavuye i Oregon hose gushika hano, aje kuyivuga. Mwene Data Jackson yaje nk'uko nyene, mur'aka gatondo. Abo bagabo ntibazinanyi; umwe, ava ku bihumbi vya mayili [ibihumbi vy'ibilometero] uvuye ahava uwundi; kandi izo ndodo zompi zivuga neza na neza ku kintu kimwe. Rero Mpwemu Yera ariko arampisha insiguro yazo. Sinzi ico ndi bubwire uwo muntu. Ariko ndazi hari ikintu kanaka Imana igiye gukora, kandi kizoba ari ic'ubwiza mu maso yacu.

13 Ubu naho, Ubutumwa muri kano gatondo, ngomba gusoma mu gitabu c'ab' i Galatiya. Simvuga ubutumwa canke ku… Ni icigwa c'ishure ryo kuw'Iyinga. Rero ubu, mwebwe bagabo namwe bagore muhagaze hampande y'impome, nimba hari uwushaka kubabisa mukicara gato, canke ikintu nk'ico, ubu, ntimuzoba muriko murangora; kimwe gusa mubikorane ukwubaha. Hama nimba abavyeyi, abana babo barize canke ikintu nk'ico, umuntu kanaka ashobora gusohoka mu cumba bahorezamwo abantu kugira ngo bashobore kuronka ikibanza c'uwo mwana muto.

Ubu rero nimufate amakereyo yanyu, Bibiliya, hanyuma mwitegurire kwandika bimwe mu Vyanditswe tuza gusoma. Sinshaka yuko mwiyumva nk'aho muboshe. Nshaka yuko mwumva - nshaka yuko mwumva umwidegemvyo mu kwicara mwiga. Kumbure murashobora kutemeranya nanje, ivyo navyo ni vyiza. Ariko ndiko ndabwira igihugu cose kano gatondo, kugira ngo abantu bizeye ubu Butumwa Umwami Yesu yampaye kubwa kino gihe, bashobore kumenya ibiriko biraba, no kubitumbereza mu Vyanditswe.

14 Kuw'Iyinga uheze twavuze ku *Basîzwe Amavuta Mu Gihe c'Iherezo*. Kandi nimba mwebwe, uwo ari we wese muri mwebwe, muri abumviriza amabǎnde, mukore ibishoboka vyose muyironke. Atar'ûkwo dushaka kugurisha amabǎnde; iyo siyo ntumbero. Intumbero ni iyo gukwiragiza Ubutumwa. Murabona? Murabona? Nimba mufise icuma gisoma amabǎnde, koraniriza hamwe umugwi w'abantu, hanyuma muyivuze, muyumvirize neza. "Abasîzwe amavuta."

Urumva abantu bahaguruka bakavuga bati: "Ôo, Bibiliya ivuga iti, 'Mu minsi ya nyuma, abavugishwa bohagurutse bagakora ibi bimenyetso'" Ivyo ni Ivyanditswe koko. None ivyo bikora hehe? Bitegerezwa gukoreshwa neza.

Umwami abishatse, uyu mugoroba ngomba kuvuga kuri: *Imana Ihishuwe mw'Ijambo RyaYo Bwite*, ukuntu ijisho ridashobora gushirwa aho ugutwi gutegerezwa kuba. Murabona? Ni nko gusohora Bibiliya yose, kandi, muri Bibiliya yose, herekana Yesu Kristo. Rero ivyo nivyo nshaka kuvugako kur'uno mugoroba, Umwami abishatse. Rero ubu, bitabaye ukwo, bizoba ari ivy'itariki kanaka ubutaha.

15 Ubu naho mu gitabu c'ab' i Galatiya. No mu gitabu c' Ab' i Korinto ba Kabiri 4:1 gushika kuri 6, hanyuma Ab'i Galatiya 1:1 gushika kuri 4, ngomba nsome Ivyanditswe kanaka. Rero mub' i Galatiya 1:1 gushika kuri 4, "Paulo, intumwa," rabe ukuntu yaciye ahagarika bukwi na bukwi. *Intumwa* bisigura "uwarungitswe" canke, "umumisiyonari."

> *Paulo, intumwa, (itatumwe n'abantu, kandi nta muntu yabariwe kuntuma …ariko natumwe na Yesu Kristo, n'Imana Data wa twese, YaMuzuye mu bapfuye ;)*
>
> *Mfatanije na bene Data turi kumwe bose kubandikira, abo mu mashengero y' i Galatiya:*
>
> *Ubuntu bube muri mwebwe n'amahoro biva ku Mana Data wa twese, no ku Mwami wacu Yesu Kristo,*
>
> *Yitangiye ivyaha vyacu, ngw'aturokore muri iki gihe kibi ca none, nk'ukw'Imana yacu yagomvye… niyo Data wa twese:*
>
> *Icubahiro kibe icaYo Ibihe Bitazoshira. Amen.*

16 Ubu naho mu Gitabo ca Kabiri c'ab' i Korinto, ikigabane kigira 4, tugiye gusoma kuva ku murongo wa 1 gushika kuwa 6.

> *Ni co gituma tutihebura, kuko dufise ubwo busuku, nk'uko twagiriwe ikigongwe.*
>
> *Twanse ibiteye isoni bikorerwa mu mpisho, ntitugenda mu bugunge, ntidufudika Ijambo*

*ry'Imana, ariko kwerekana ukuri ni kwo twishimagirisha mu nyonga z'Imana ku mutima w'umuntu wese.*

*Ariko namba Ubutumwa Bwiza twahawe butwikirwa, butwikirirwa abahona,*

Nimba ibi biterekana ugutoranywa kwo kuva kera, sinzi icovyerekana.

*ni bo batizera, bamwe imana y'iki gihe yahumye imitima, ng'umuco ntubakire w'Ubutumwa bw'ubwiza bwa Kristo, ni We Shusho y'Imana.*

Kumwe nyene vyari bimeze mw'itongo rya Edeni, "Birukane, kugira ntibakore kuri kirya Giti."

*Kuko tutigisha abantu ivyacu, ariko tubigisha ivya Kristo Yesu kw'Ari We Mwami, natwe yuko turi abashumba banyu kubwa Yesu.*

*Imana, imwe yavuze ng' Umuco wake, uvuye mu mwiza, ni yo yakiye mu mitima yacu, kwerekana umuco, ni wo kumenya ubwiza bw'Imana buri mu nyonga ha Yesu Kristo.*

17 Amen! Ng'ukwo uko Ijambo rivuga. Ubu rero, icigwa canje muri kano gatondo, ni : *Imana ya Kino Gihe Kibi*. Nk'uko twasomye mu Vyanditswe, "imana y'iyi si, kino gihe kibi." Ubu rero, ubu Butumwa bushira ku mugaragaro ibibi vya kino gihe kibi, kandi navyo bikaba bihuye neza n'ubuvugishwa bw'iki gihe kibi.

Kandi nizera yuko buri…yuko Bibiliya ifise buri nyishu kubwa buri gihe, iza yanditse muri Bibiliya, kubw'uwizera wo mur'ico gihe. Ndizera yuko buri kintu dukeneye canditse neza na neza *Hano*, gikeneye gusa gusobanurwa na Mpwemu Yera. Sinizera yuko hari umuntu n'umwe kw'isi afise uburenganzira bwo gushira insiguro yiwe bwite kw'Ijambo. Imana nta muntu n'umwe ikeneye ko asobanura Ijambo RyaYo. Ni Yo yisobanura UbwaYo. Yaravuze ko yobikoze, kandi Irabikora.

Nk'uko namye mvuga kenshi. Yavúze Iti, "Inkumi izosama inda," ivyo Yabivugiye mu kanwa k'umuvugishwa, kandi yarasamye. Nta n'umwe ategerezwa kubisobanura. Mu ntângo, Yavuze Iti: "Ni habeho umuco," maze umuco ubaho. Nta n'umwe ategerezwa kubisobanura. Yavuze Iti: "Mu minsi y'iherezo, yosutse Mpwemu WaYo ku bari n'umubiri bose," kandi yarabikoze. Ntibikeneye n'umwe abisobanura. Yavuze Iti: "Mu minsi y'iherezo, bino bintu" (ibi turiko turabona bishika ubu) ko "vyobayeho." Ntibikeneye insobanuro n'imwe. Biza vyamaze gusobanurwa. Murabibona?

18 Ubu rero, mwihweze neza mu gihe turiko turiga Ijambo. *Imana Ya Kino Gihe Kibi*, kino tubayemwo ubu. Bisa nk'ibitangaje, ikintu gitangaje cane, mur'iki gihe c'ubuntu, aho "Imana iriko iratoranya ihanga kubw'Izina ryaYo," ari ryo Mugeni waYo, muri kino gihe kibi categerezwa kwitwa igihe c'ikibi. Nico gihe nyene "Imana iriko irahamagara ihanga kubw'Izina ryaYo," kubw'ubuntu, basohoke, kandi citwa igihe kibi. Ubu rero turaza kuvyerekana dukoresheje Bibiliya yuko iki ari co gihe Yariko Iravuka. Biratangaje cane kwibaza ko, mu gihe kibi nk'iki, ari ho Imana yobaye iriko irahamagara Umugeni waYo.

Nimwihweze, Yavuze iti "ihanga," atari "ishengero." Kuber'iki? N'ubwo bir'ukwo, ryitwa Ishengero, ariko Yohamagaye "ihanga." Ubu rero, ishengero ni ikoraniro ry'abantu benshi b'ubwoko butandukanye. Ariko Imana iriko ihamagara umwe ng'aha… Ntiyavuze ngo: "Nzohamagara Umumetodiste, Umubatiste, Umupentekote." Yavuze yuko yohamagaye ihanga. Ku mvo nyabaki? Izina ryaYo. Murabona, ihanga; umwe avuye muri Metodiste, umwe avuye mu Babatiste, umwe mu Baluteriyano, umwe avuye muri Katolika. Murabona?

Yamara Iriko irahamagara, atari umugwi w'ishengero, ariko "ihanga kubw'Izina ryaYo," ryakira Izina ryaYo, ryarehejwe mw'Izina ryaYo, ririko rigana mu bukwe kwabīrwa naYo, kugira ngo ribe igice caYo, murabona, biciye ku gutoranywa kwo kuva kera. Ni nk'uko umugabo ahitamwo umugore mwiza mu buzima, aba yari yagenewe kuba igice c'umubiri wiwe. Kubw'ivyo,ni kuvuga, Umugeni wa Kristo azoba, kandi ubu ari, uhereye kera yagenewe n'Imana kuba igice c'uwo Mubiri. Murabona? Ôo, Ivyanditswe biratunze cane, vyuzuyemwo ubuki!

19 Nimwihweze, si ico umuntu kanaka yavuze, ico umuntu kanaka yahamagaye; ariko ni ico Imana yahisemwo imbere y'amatanguriro y'isi, kandi iriko irahamagara abo bantu mur'ino minsi ya nyuma; atari idini. "Ihanga kubw'Izina ryaYo." Kandi muri kino gihe kibi niho Iriko irakora ivyo, kino gihe nyene c'uruhendo.

Mu ndwi iheze, muri Matayo 24, nico cari igihe c'uruhendo cane mu bihe vyose. Mu bihe vyose vy'uruhendo, uhereye mw'itongo rya Edeni, ukabandanya, ntihigeze habaho igihe c'uruhendo nka kino gihe. "Hazokwaduka abavugishwa b'ibinyoma berekane ibitangaza n'utwumiza, bazimize n'Abatoranijwe iyaba vyoshobotse." Ubu, ni amashengero akonje gusa, asanzwe, akomantaye n'ibindi, ya za tewolojiya zakozwe n'umuntu, ivyo ntivyoshobora; Abatoranijwe ntibokwigeze banavyitaho. Ubu, ni amashengero akonje gusa, asanzwe, akomantaye n'ibindi, ya za tewolojiya zakozwe n'umuntu, ivyo ntivyoshobora; Abatoranijwe ntibokwigeze banavyitaho. Ariko biri ng'aho bisa na ca kintu nyakuri. Kureka Ijambo rimwe ryonyene birakwiye. Ivyasezeraniwe kino gihe; igihe gihambaye cane! Bakristo, aho muri hose,

mwiyubare kuri kino gihe tubayemwo! Mwandike, musome kandi mwumvirize mwitonze.

20 Ni igiki cotumye Imana ihamagarira ihanga gusohoka muri kino gihe kibi, kubw'Izina ryaYo? Impamvu ni iyo, kuMugerageza, Umugeni waYo. Ni ku… Mu gihe amaze kwerekanwa, akageragezwa, akemezwa, akemezwa kuri Satani. Nk'uko vyabaye mu ntango, niko bizomera no kw'iherezo.

Ni nk'uko urubuto rutangurira mw'ivu, rugakura ruciye mu biringo bitandukanye, ubuzima bwarwo, ariko rugaherahereza kuba rwa rubuto nyene kumwe rwari rumeze igihe rwaja mw'ivu.

Kandi nka kumwe rwa rubuto rw'uruhendo rwaguye mw'ivu, muri Edeni, n'uko nyene ruheza mu minsi y'iherezo.

Neza na neza nka kumwe Ubutumwa Bwiza bwari bumeze igihe bwagwa mw'idini i Nikeya, i Roma, bihereza mw'idini ridasanzwe.

Neza na neza nka kumwe rwa Rubuto rwa rya Shengero rwarwa hariya, n'ibimenyetso, utwumiza, kandi na Kristo Muzima hagati yabo, bihereza mu minsi ya nyuma mu gikorwa c'ibango ca Malaki 4, bikagarukana kandi kwa Kwizera kwo ku nkomoko kwatanzwe rimwe rizima.

21 Turabona yuko, kino gihe kibi ari ico kwemeza, Satani, ko Uwo Mugeni adasa na Eva, ko atari umugore nka ben'uwo. Azogeragezwa biciye kw'Ijambo ryaYo, uwo Mugeni, nk'uko umugeni wa Adamu yageragejwe biciye kw'Ijambo. Kandi Umugeni wa Adamu yarizera buri gace k'Ijambo, ryose, ariko yagize urwijiji kw 'isezerano rimwe, yuko, "Ari We Wa Wundi Nyene, ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe vyose," uyu munsi, murabona; ariko yananiriwe kw'isezerano rimwe, igihe yageragezwa n'umwansi, amaso mu yandi. Ubu naho, iryo hanga ryahamagawe kubw'Izina ryaYo, ata nkeka, ni Umugeni waYo. Ategerezwa kwongera guhura n'ico kintu nyene, atari gusa ukuri kw'ikidini canke ikintu kanaka, ariko buri Jambo!

Kuko, mw'itanguriro rya Bibiliya, umuntu yari yahawe Ijambo ry'Imana kugira rimubesheho. Ijambo rimwe, risobanuwe nabi n'u - umuntu yitwa Satani, mu mubiri w'igikoko citwa inzoka. Satani, mur'uwo mubiri, yar'ashoboye kuvugana na Eva, aca amusobanurira Ijambo nabi, maze aba aratakaye. Murabona, ritegerezwa kuba buri Jambo.

22 Hagati muri Bibiliya, Yesu yaraje maze aravuga ati: "Umuntu ntazobeshwaho n'umutsima gusa, ariko na buri Jambo," igihe yageragezwa na Satani.

Ubu rero, Imana iriko iratubwira hano mu minsi ya nyuma, yuko "imana y'iyi si izohaguruka mu minsi y'iherezo."

"Kandi uwuzokwongeraKo ijambo na rimwe, canke agakuraKo Ijambo na rimwe, umugabane wiwe uzoca ukugwa muri ca Gitabo c'Ubugingo."

Imana itugirire ikigongwe! Reka twoye kugenda nk'abanyabwibone, twashize ibikiriza imbere, turaritse amazosi, ba ndazi vyose, kuko natwe igihe kimwe twahoze mu kutumvira. Reka kubw'ubuntu, n'imbabazi, hamwe n'igishika dufise mu mitima yacu ku Mana, tuze mu buryo buciye bugufi kuri ya Ntebe y'Ubwami y'ubuntu.

Igitangaje rero, inyuma y'imyaka hafi igihumbi n'amajana icenda y'ivugabutumwa ry'Ubutumwa Bwiza, ubu naho iyo, ni kuvuga imikorere y'isi, ni mibi cane kurusha mu minsi igihe yari, igihe Yari hano. Imikorere y'isi ni mibi birushirije. Isi iriko iragana ku musozo wayo. Ivyo murabizi. Umwami ariko arashitsa Ijambo ryiWe mu mpande zose.

23 Ejo bundi, mpagaze… Ndibaza ko uwo mugabo akiri muto ada… Ntavyo aza gukora. Narí naje nzananye n'umugore wanje, na muka Wood, mwene Data Roy Roberson, ahantu kanaka ng'aha, mwene Data Wood, twari twahagaze harya ku gasoko kitwa Youngstown, kugira dutore i - ibintu vya mushiki wacu Wood. Rero ku…mu gihe twari duhagaze ng'aho, haciye haza umugabo umwe akiri muto aridondora, nanje ntawe nari nzi. Uwundi musore aca araza avuga yuko bava umengo muri Alabama canke muri Georg…ndibaza ni Georgia, kubera nababajije ko bazi mwene Data Welch Evans. Hanyuma duca turaganira iminota mike. Mu gihe nagira ngende, uwo musore aca aranyitegereza. Igihe uwo mugabo wundi akiri muto n'agahungu kiwe bari bagiye, uwo musore yaciye anyitegereza. Aca avuga ati: "Har'ikintu kimwe nashaka kuvuga."

Nca mvuga nti: "Uri - uri uwizera? Uri Umukristo?"

Aca avuga ati: "Oya mushingantahe." Avuga ati: "Nda…"

24 Ndashobora kumbure kudasubiramwo neza ijambo yavúze, ariko ni nk'aho yasa n'uwakekeranya gato. Nari namubajije ku bijanye na kwa kubonekerwa na Wa Mumarayika w'Uhoraho. Aca avuga ko yari yari'amaze kuvyumva, ariko kw'atari bwigere aja mw'ishengero, iri shengero. Nca mvuga nti: "Uravyizera?"

Avuga ati: "Egome, mushingantahe." Avuga ati: "Na - nariko ndihweza ikintu kanaka." Avuga ati: "Abantu bahora barambwira ku bijanye n'ubuvugishwa n'ibindu, kandi narumvise kuri bande yuko wavuze imbere y'igihe ukuntu California yokwase imigaga nk'uku." Hanyuma aravuga ati: "Igihe ivyo nabibona mu kinyamakuru, naciye ndavyizera." Aravuga ati: "Ndaza uno munsi canke ejo," aho n'uno munsi, "ku ncuro yanje ya mbere."

Nca mvuga nti: "Umwami aguhezagire, muhungu," nca ntangura kumuha ukuboko.

Aca avuga ati: "Ariko hari ikintu nshaka kukubwira, mushingantahe." Avuga ati: "Naratakaye aho gutakara kugera." Avuga ati: "Meze n'icasha mu kirundo c'umusenyi, naratakaye!"

Nca mvuga nti: "Ariko singombwa ko uguma gurtyo. Hariho Umuntu kanaka ahagaze ng'aha ubu nyene ashobora kukuronka umunota wose uba witeguye kuronkeka."

Aca avuga ati: "Nditeguye."

Nca ndamubwira nti: "Woshobora kwunamika umutwe wawe?"

Aca avuga ati: "Ntibintera isoni."

S'ivyo gusa, ariko yaciye apfukama, aho muri parikingi, imbere y'abantu bose. Abantu mw'ibarabara bamuraba. Aho twarasenganye hamwe nawe, gushika ahaye Imana umutima wiwe. Yaje ari umunyavyaha; asubira inyuma, ari umwana w'Imana. Yaje iruhande y'imodoka, apfuye; yasubiye inyuma, ari muzima.

Niho naca mvuga nti: "Ikidengeri co kubatirizamwo kizokwugururwa ejo."

Har'isóko yuzuye Amaraso
Yavuye mu mitsi ya Imanweli
Aho abanyavyaha boze muri ayo maraso
Bakurwako amarabaga y'ivyabagiriza.

Nca mvuga nti: "Haguruka hama ubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, hambajwe Izina ry'Umwami. Imana izokwuzuza Mpwemu Yera, kandi izoguha bino bintu bidasanzwe, Itume ushobora kuBibona."

25 Ni ibiki? Isi iriko iragana ku musozo. Kuber'iki? Ya mpwemu y'umugararizo, ukwononekara kw'ingeso, idini ry'ivy'ubwenge, vyayishikanye "aharindirwa inyoni zankwa zose zihumanye" nk'uko Bibiliya yabivuze. Reka tubisome, Iyahishuriwe Yohana 18. Reka tubisome, Iyahishuriwe Yohana 18. Mu gihe tugiye gutanguza kino kintu, dufate Ivyahishuriwe Yohana 18:1 gushika kuri 5. Ndibaza ko navyanditse neza.

> *Hanyuma y'ivyo mbona umumarayika wundi, amanuka avuye mw ijuru, afise ubutware buhambaye, isi ibonesherezwa n'ubwiza bwiwe.*
>
> *Asemerera n'ijwi rirenga, (ubu rero kuri mwebwe bantu mwagize za ndoto)… ati Kirakomvomvotse, kirakomvomvotse, Babuloni ca gisagara gihambaye, gicitse ikibanza c'abadayimoni, aharindirwa impwemu zihumanya zose… aharindirwa ibisiga bihumanya vyankwa vyose.*
>
> *Kukw'amahanga yose yanyoye vino, ni zo burake (ishengero) bw'ubusambanyi bwiwe, kand' abami bo kw'isi basambana na we, abadandaza bo kw'isi batungishwa n'ubwinshi bw'ibihinda vyiwe.*
>
> *Numva ijwi rindi rivuye mw'ijuru, rivuga, riti Bantu banje, ni muve i we, kugira ngo mwoye gufatanya n'ivyaha vyiwe, mwoye guhabwa ku vyago vyiwe.*
>
> *Kukw'ivyaha vyiwe vyarundanijwe bigashika kw'ijuru, kand' Imana yibutse ukugabitanya kwiwe.*

26 Mbega imbūri! Ibi biterera ishengero neza na neza hariya inyuma mu Vyahishuriwe Yohana 3:14, ku Gihe ca Lawodikiya, ukugarariza; abanyedini koko, ariko b'abagarariji. "Wewe, kuko uvuga ngo, 'Turatunze, ntaco dukeneye,' ntumenye yuko ugenda amenya, umworo, impumyi, kandi ntavyo uzi." Birahuye mu buryo butunganye n'Ivyanditswe vya kino gihe, atari Ivyanditswe vy'igihe ca Daniyeli, atari bimwe vyo mw'izina rya…igihe ca Nowa, ariko muri kino gihe c'iherezo, kibi.

Nimwihweze hano: "Ugenda amenya." Mureke bino vyinjire neza ibwina. Ndazi kumbure ko ntaza guhuza cane na benshi kuri kino ciyumviro, ariko vyageze y'aho bishobora kuba ibigoye ku Mukristo kuva mu nzu yiwe hanyuma ntace yisanga imbere ya kino gihe kibi, biciye ku bagore batikwiza mu kwambara.

27 Bagore, ngomba mvuge ibi, kandi nshaka yuko mwumviriza. Kandi bagabo namwe bagore, murashobora ibi kutavyemera, ariko numva ndongowe kubivuga. Mwari muzi yuko, mugore wese yiyambura impuzu ben'uko aba adakwije neza mu mutwe? Murazi ko, aba ari, avyemera canke atavyemera, canke atavyibaza, ari maraya? N'ubwo uwo mugore yoshobora guhagarara adugije ikiganza

ciwe imbere y'Imana akarahira yuko atarigera akorwako n'uwundi umugabo n'umwe kiretse umugabo wiwe, kandi ivyo birashobora kuba ari ukuri kw'imvamutima, ariko n'ubwo bir'ukwo aguma ari maraya. Yesu yavuze ati: "Uwitegereza wese umugore akamwipfuza aba yamaze gusambana na we." Kandi uwo mugore ashobora kuba…

Murabona, ari "amenya", Bibiliya ivuga iti : "kandi ntavyo azi." Impwemu imusīga kugira akore ibintu nk'ivyo ni impwemu mbi, y'ubumaraya. Ukwo ari inyuma, umubiri wiwe ugaragara, umubiri wiwe, arashobora kuba atanduye. Ashobora kudakora ubusambanyi na bumwe, kandi yonarahira imbere y'Imana kandi kukaba ari ukuri, yuko atarigera abukora, ariko impwemu yiwe ni impwemu y'ikimaraya. Yarahumishijwe cane n'imana y'ino si y'imideri; gushik'aho yiyambika impuzu z'urushirasoni kandi agasohoka hanze.

28 Ejo bundi, twe na mwene Data Wood twariko turinjiza ubwato bwacu mu ruzi. Nari ngira nje kure yo muhira iminota mike, kugira nduge ku ruzi. Aho waja hose, abagore bambaye utwo tuntu duto tw'i… twitwa kinisi [uduhuzu two musi abagore bambara bari ku munsenyi wo ku kiyaga - Umus.] canke ikintu kanaka, bizingiriyeko. Uwo ni umuvumo. Nta mugore ashobora kuba akwije neza mu mutwe ngo yambare ikintu gisa nk'ico. Aba arimwo impwemu y'ikimaraya. Ubu rero, nubinganye n'Imana, mupfasoni, kuko umus'umwe uzosanga ibi ari Ukuri.

Ni gute woshobora, ga mupfasoni, uzi ukuntu umubiri wawe ari mweranda, hanyuma ukawanikira imbere y'ayo mashetani yuzuye ukwipfuza n'icaha agendagenda mu mabarabara ya kino gihe? Iyaba abana b'Imana bose bakiri abana b'Imana, umugabo wawe akaba yari umwana w'Imana, kimwe yotumye wambara impuzu canke akaguheba. Iyaba umuhungu yari umwana w'Imana, ntiyokwigeze namba yâbīra ikintu nk'ico. Murabibona?

Muravuga muti : "Uriko ura…" Oyaye.

Ndiko ndababwira Ukuri, kandi umunsi umwe muzohura naKwo. "Ugenda amenya, umusambanyi; kandi ntavyo uzi."

"Ôo, ndarahiye ko ntarigera mponyanga indagano z'umugabo wanje." Umugabo wawe niwe azogucira urubanza kuri ivyo nimba warabikoze. Ariko Imana yo izogucira urubanza bivanye n'ubwoko bw'impwemu ufise muri wewe; atari kugucira urubanza biciye ku mubiri wawe, ariko bivanye n'impwemu yawe, wa muntu w'imbere.

29 Umuntu wo hanze ni umubiri uboneka ugenzurwa n'inziranyumviro zitandatu…canke, inziranyumviro zitanu, nakwo. Umuntu w'imbere ni umuntu wa mpwemu agenzurwa n'inziranyumviro zitanu; agatimanama, n'urukundo, n'ibindi. Umuntu wo hanze; kubona, guhonja, gukabakaba, kumoterwa, kwumva.

Ariko imbere muri iyo mpwemu hari umushaha, kandi uwo nawo ugenzurwa n'ikintu kimwe, ukwihitiramwo kwawe. Ushobora kwemera ivyo umurwanizi avuga canke ukemera ivyo Imana ivuga. Kandi ico nico gica cerekana ni impwemu ki irimwo. Nimba ari Mpwemu w'Imana, azofungura ibintu vy'Imana, ntazorya ku kintu na kimwe c'isi. Yesu yavuze ati: "Nimwakunda isi n'ivyayo, ni kubera urukundo rw'Imana rutaraninjira muri iki gice c'imbere." Satani yarabahenze. "Kandi umuntu ntazotungwa n'umutsima gusa, ariko na buri Jambo ryose riva mu kanwa k'Imana."

Nimwihweze ubu rero, turabona yuko ari "amenya" acafuye kandi ari gusa.

30 Kandi isi isa n'iyiri mu gihe kibi cane kitari bwigere kibaho. Nta gihe na kimwe abagore bîgeze bakora nk'ukwo, nta na rimwe ariko uretse gusa imbere yo guhonywa kwa ya si y'imbere y'umwuzure. Kandi Yesu yarabivuzeko. Turaza kubishikira mu kanya.

Mbega Imana yaratakaje ubugenduzi, canke yaretse ng'uwundi muntu abe ari we agenzure? Ndibaza ikibazo. Inyishu nyayo y'ico kibazo ni, ukwo je ndabibona, hariho impwemu zibiri zirwanyana mw'isi uyu munsi, ziri mu gikorwa. Ubu rero, ntihashobora kubaho izirenga zibiri, abayobozi babiri. Kandi Imwe muri zo ni Mpwemu Yera mu gikorwa; iyindi nayo ni impwemu ya wa mubi, kandi, muri ino minsi yanyuma, iri mu ruhendo.

Ubu rero ngomba nshimikire ivyiyumviro vyanje aha nyene ku cigwa gisigaye, ibisigaye ku…Ubutumwa bwacu.

31 Izo mpwemu zibiri. Imwe muri zo, ni Mpwemu Yera w'Imana; iyindi nayo, ni impwemu ya wa mubi, iriko ikorera mu ruhendo. Abantu bo kw'isi ubu bariko baragira uguhitamwo kwabo.

Mpwemu Yera ari hano ahamagara Umugeni wa Kristo ngw'asohoke. Ariko arabikora mu kwemeza Ijambo ryiWe ryasezeranywe kuri We, kubwa kino gihe, yerekana ko Ari ari Kristo.

Nimba urutoke vyitezwe ko runyiganga muri kino gihe, ruzonyiganga. Nimba vyitezwe ko ikirenge kinyiganga muri kino gihe, kizonyiganga. Nimba ijisho ritegerezwa kubona muri kino gihe, rizobona.

Murabona?

Mpwemu w'Imana, yakuze gushika ku rugero runengesereye rw'Imana, muri kino gihe tubayemwo ca none. Mpwemu Yera ari hano yemeza Ubutumwa bw'Igihe. Kandi ivyo Mpwemu Yera ariko arabikora, kugira abantu bizeye Imana bazohamagarwe bave mur'urwo rudubi.

Impwemu ya wa mubi yanduye nayo iri hano ihamagara ishengero ryayo biciye ku buzimire, nk'uko vyama, biciye mu kugoreka Ijambo ry'Imana kumwe yabígēnza mu ntango. Murabona yuko biriko biragaruka kuri ca gihe c'urutete kandi, uhereye muri Edeni? Ng'ivyo ubugira kandi.

32 Ubu rero, mu bihe vyarenganye, mweguki…ibindi bihe, mwĕgukira amadini, mwĕgukira *ibi*, *birya*, canke *ibindi*. Ni ibiki vyăshikiye ka karonge k'idini? Kariko karuma. Mpwemu akomeza kuvamwo abandanya, kandi ahereza hejuru mu Rutete. Murabona?

Kandi ukugeragezwa, kw'izo zompi, guhereza kugaruka ha handi nyene vyari biri mu ntango. Mwihweze. Ntimu - ntimu, oya, ntimuvyibagire ubu.

Ni nko muri Yohana, 1 John 4:5 na 6, nimba mushaka kuvyandika, ayita "impwemu y'ubuzimire."

Eva ntiyigeze asohoka gurtyo gusa, ngw'avuge ngo: "Je sinizera Imana." Oyaye. Yizeye ubuzimire.

Satani ntiyigeze aza ngw'avuge ngo: "Ȏo, neza, iryo si n'Ijambo ry'Imana." Yaremeye yuko ryari Ijambo ry'Imana, ariko yaciye aRishirako insobanuro yiwe bwite. Ivyo, Imana yari yarababwiye mu buryo bweruye kutabikora.

Ivyo bifise ingaruka nyabaki? "Bizana ububasha bw'ubuzimire bukomeye, kugira abantu bizere ikinyoma, kugira bacirirwekw'iteka kubwa co." Ubu naho nimba ivyo mugomba kubisoma, 2 Ab'i Tesalonike 2:11.

Kubera mfise hafi, Ivyanditswe kanaka hano, kandi ntituza gushobora kubisoma vyose. Rimwe na rimwe, ndaza ndabibaha. Kubera bisa n'ibitangaje, yuko muvyibazako canke ibintu nk'ivyo, kumbure turaza kuvyandika twongere tubisome kubw'ineza yanyu - yanyu.

33 "Kuzana ububasha bw'ubuzimire," nk'uko Bibiliya yabivuze ko vyobaye, 2 Ab'i Tesalonike. . "Ubu rero, wa muntu w'umugarariji yotegerejwe kubaho, akicara mu rusengero rw'Imana, yiyerekana ubwiwe ngo ni Imana, yongere atume abantu binjira mu bubasha bw'ubuzimire bukomeye, bizere ikinyoma; kandi, bacizere, bizocirwekw'iteka kubwa co."

Ivyo ni vya bindi nyene yakorera Eva. Mu kumuha… Ntiyigeze - ntiyigeze amubwira yuko Ijambo ritari iry'ukuri, ariko yamuhaye ububasha bw'ubuzimire bukomeye, ku buryo yizeye ikinyoma.

Impwemu y' ubuzimire ni iya wa mubi. "Amashetani ubu ariko akorera muri ba bana b'umugararizo." Bagarariza iki ? Abana ba kino gihe bagarariza iki ? Nk'uko Eva yagararije, mu ntango, Ijambo nyakuri ry'Imana. Ukwo ni ukuri. Ubu rero nimba mwipfuza kubironka…

Reka tuhazingurure, Abanyefeso 2, gato gusa, kuko bisa nk'aho ari vyiza yuko tu… ndahagarika akanya gato, nimba mutihuta cane, dusome bimwe muri bino. Abanyefeso 2 :1 gushika kuri 2.

> *Namwe yarabagize bazima, hamwe mwari mupfuye mwishwe n'ibicumuro n'ivyaha vyanyu :*
>
> *ivyo mwagenderamwo kera, nk'ukwo ivy'iyi si bigenda, mwúmvira umwami w'abaganza ikirere, niwe mpwemu ubu ikorera mu bana b'umugararizo. [Bibiliya ya King James - Umw.]*

34 "Abana b'umugararizo." Kandi nimba anti-Kristo, yatanguriye hariya mu buto bw'umugararizo, bizomera bite igihe azohereza muri wa muntu wa anti-Kristo? Ese ukuntu bizoba ari uruhendo! Ni uruhendo rw'inkomezi zingana gute u - umuntu akuze ashobora guha isi, kurusha umwana w'uruhinja! Kandi yavuze ati : "Iyo mpwemu y'u - ubuzimire ubu iriko ikorera mu bana b'umugararizo," bagarariza Ijambo. Ni mwihweze neza. Ubu ngomba mpagarare kuri bino akanya gato, "abana b'umugararizo," umwana.

Mwari muzi, mwebwe, inkomoko yanyu, ndashobora kwemeza muntu wese ari hano, nkoresheje Ijambo ry'Imana, yuko mwari muriho muri sogokuruza wanyu. Kandi muvuye muri sogokuruza wanyu mwaciye muca muri sogokuru wanyu, hama muri so wanyu, muca muraseruka. Ivyo murabizi?

Bibiliya yavúze yuko, ndibaza ni mu Baheburayo 7, yuko Melekisedeki, igihe Aburahamu yar'avuye kunesha abami "Aburahamu yarishe Melekisedeki ikigiracumi c'iminyago yose." Kandi ubu hano Paulo ariko avuga yuko Lewi yakiriye ikigiracumi yar'akiri... yarishe ikigiracumi kubera yar'akiri mu bura bwa Aburahamu igihe yahura na Melekisedeki. Rero ivyo Aburahamu yakora vyose dusanga Lewi yari muri Aburahamu uwo nawe akaba yari sekuruza wiwe. Aburahamu yavyaye Isaka Isaka avyara Yakobo Yakobo avyara ba bakuru b'imiryango, Lewi.

Gurtyo rero murabona ko aha haca haboneka mu buryo butunganye ivyo gutoranywa kuva kera.

35 Ubu rero muri buno Butumwa ngomba gu - gu - gushimikira ku bintu nababwiye mu Butumwa, kuri uyu Muco w'akagoroba uwo Imana yavuze ko woje kw'isi.

Kandi nimurabe rero "Ico gikoko coje kw'isi cozimije abo bose amazina yabo atăshinditswe muri ca Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi yakerewe imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho."

Mu vyiyumviro vy'Imana ubwaYo; Imana, Umwe Mpwemu ahambaye. Mu ntango imbere yuko n'itanguriro ribaho, yari Imana, none mwari muzi yuko mwari muri Yo ico gihe? Nimba uri Umukristo ubu, wari muri Yo ico gihe.

Hanyuma rero, nimba bimeze ukwo, ukunengesera kwose kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri kwafashe Ishusho muri wa Muntu Yesu Kristo. Hanyuma rero, igihe Yesu yapfa ku musaraba napfanye na We, kubera nari muri We ico gihe; kuko yari Ukunengesera kw'Ijambo rigaragajwe, azi ko twogaragajwe hanyuma. Kandi twari kumwe na We i Kaluvariyo. Twarajanye na We mu mva. Kandi twazukanye naWe na rya Zuka ryiWe. Ubu naho twaradugijwe, biciye kuri Mpwemu WiWe, ku Ntebe y'Ubwami y'ubuntu, twicaranye mu bibanza vyo mw'Ijuru muri Kristo Yesu. Ibihe vyose!

36 Kuko nk'uko akabuto k'ubuzima busanzwe kamanurwa hasi, kagahabwa ubuzima, buvuye kuri data umwe bukaja muri data wundi, no mu wundi no mu wundi, niko Ubuzima bwa Kristo buhabwa ubugingo.

Nico gituma Imana ikoresha Impwemu ya Eliya incuro zitanu zitandukanye. Ni ibiki? Ni ihererekanywa.

Nk'uko ubuzima bwanyu busanzwe n'ingeso mwabihanahaniwe mw'irondoka risanzwe rya so wanyu, niko bimeze no kuri Mpwemu w'Imana, yategekanijwe imbere y'amatanguriro y'isi.

Kandi igihe Ijambo ry'Imana ryose, mu kunengesera, ryari ryashitse ku gukura mu mubiri w'ikiremwamuntu witwa Yesu Kristo, muri wo Imana yarandihishije ivyaha vyanje, muri We ng'aho. Hanyuma aranzura, inzurana na We, muri mw'izuka. Kandi ubu naho twicaranye na We, dufise ububasha n'ubutware kuri buri dayimoni. Ôo, ese hamwe gusa mwokwizera ico Imana yatânze. Ariko nimba muticayeyo, ivyo ntavyo mufise. Kandi nimba wicayeyo, ariko ukaba utavyizeye, maze ukaba ufise ubwoba bwo kubandanya, ntuzigera ubikoresha. Ariko nimba mwicayeyo, muzobikoresha, kuko mwategekanirijwe gukora ivyo mukora.

"Farawo" ku rundi ruhande "yari yahagurukijwe ku bw'iyo ntumbero," nico Bibiliya yavuze kuri Farawo. "Yuda Isikariyoti yari yahagurukijwe kugira abe umwana wo kuranduka."

Ubu naho mufate nkama kuno Kuri guhambaye turiko turegereza.

37 Ubu rero turabona yuko ishengero ryánse kwemera yuko Ijambo ry'Imana ribaganza, maze baca bemera Baraba mu gishingo caRyo. Rero, nimba mushaka Icanditswe kibivugako, ni muri Matayo 27:15-23. None ivyo vyavuyemwo iki? Ni uruhe ruhagararo ivyo vyagize? Ubu ibi muvyiyumvireko. Igihe ishengero ry'isi mu buzima butunganijwe bw'abagororotsi, aberanda, nk'uko biyumvira kw'ari ko bâri, mu maso y'abantu nico bâri, barabamvye Yesu, maze bavuga bati: "Ntidushaka ko uyu Muntu atuganza." Kandi Yesu yari ukunengesera kw'Ijambo ry'Imana. Muri 1Yohana 1 harabiserura. Baciye bavuga bati: "Ntidushaka ko iri Jambo ry'Imana rituganza." N'ubwo vyari bir'ukwo, Yari Jambo, kimwe gusa amaso yabo yari yahumishijwe kugira ntabone ico Yári. Yamara yari inyishu y'ikibiriraho kuri buri buvugishwa bwabwirizwa gushitswa muri We.

Rero, twese ivyo turavyizeye, kubera turaba inyuma tukabibona biriko biraba. Ariko hamwe isi yoshobora, aha ni ubu, kino gihe kibi ca none, hamwe yoshobora gusubira inyuma muri kirya gihe, boca bakora ivyo bariko barakora uyu munsi, kubera riracari rya Jambo nyene, kubwa kino gihe, ririko riragaragazwa. Azobikora. Nta bindi bashobora gukora. "Ni abana b'umugararizo." "Bahawe ububasha bw'ubuzimire bukomeye, kugira bizere ikinyoma, maze bacirwekw'iteka kubwa co."

38 Nimurabe, igihe ishengero ry'isi ritashoboye kwemera Yesu, rya Jambo, ryágaragazwa muri kirya gihe, kubera (kuber'iki?) bobo bâri baRisobanuye mu bundi buryo. Ariko bari gutegerezwa kumenya yuko Yari iryo Jambo, kuko kintu cose Imana yari yaravuze ko yokoze, Yaragikoze. Kandi yababwiye ati: "Rondere mu Vyanditswe vyega iki gihe; hanyuma nintarangwa n'ivyavuzwe yuko Nokoze, aho rero ntiMunyizere."

Baca bavuga bati: "Twizeye Mose."

Aravuga ati: "Iyo muza kuba mwarizeye Mose, mwari kuNyizera, kuko Mose yavuze kuvyaNje." Kandi n'aho ntibigeze babibona. Ya Mana yo mw'Ijuru ubwaYo iriko irapfa ku musaraba, ivuga ya majambo nyene wa muvugishwa yavuga yuko Yovuze, kandi kugez'aho ntibigeze babibona. Murabona?

Ntibari abo mu bwoko bwiWe. Ntibari Ijambo, ntibari Ijambo; ariko n'ubwo bir'ukwo, bari - bari abanyedini cane. Ariko ntibari Ijambo, kubera Ryoryo ryari - ryari kumenya ikibanza caRyo ico gihe.

39 Ubu rero nimurabe ukuntu Ivyanditswe bikurikirana ubwavyo mu buryo butey'igomwe muri buri gihe. Mubirabe neza.

Kandi igihe isi y'amashengero itǎshātse ko Ijambo ry'Imana ribaganza, baciye bemera umwicanyi Baraba. None ivyo vyamutsemwo iki? Ivyo vyaciye bishira hejuru Shetani, imana ya kino gihe kibi, muri ca kibanza yǎmwe yipfuza.

Ubu rero nimwumvirize. Kuko, Satani ntiyavuzwe nk'imana y'ikindi gihe kîndi uretse kino gihe. Ntiyavuzwe nk'imana y'igihe ca Nowa. Ntiyavuzwe nk'imana y'i - igihe ca Mose, imana y'igihe ca Eliya. Ariko, kino gihe kibi, ni i… Ôo, ibi ntibibacike! Ni imana ya kino gihe kibi, asengwa n'amamiriyoni be n'amamiriyaridi y'abantu kandi ntavyo bazi. Ariko reka tureke Ivyanditswe bimufukure kano gatondo, kandi reka tubone, hanyuma muzobimenya Reka Ivyanditswe…

Nk'uko biba bimeze mu bikorane vyo kumenya ibinyegejwe, iyo Mpwemu Yera aje mw'Ijambo ryiWe maze akadoma urutoke ku mugabo kanaka akamubwira ati: “Nta burenganzira ufise bwo kubana n'urya wundi mugore. Ivyo wabikoreye iki, haraciye imyaka cumi, igihe watorokana n'umugore w'urya mugabo?” Mbega ivyo bikora iki? Bimushira ku mugaragaro, bishira ahagaragara Satani aba yagumije uwo mugabo mu buja, canke umugore abana n'umugabo kanaka w'uwundi mugore, canke ivyaha bakoze, ibintu bakoze. None ivyo bikora iki? Bimushira ku mugaragaro.

40 Abaganga bahitana ivyuma hanyuma bakagerageza kumenya ikitagenda neza. Ntavyo bashobora. Ntawobimenya. Ariko Mpwemu Yera aca aza agahishura ico ari, akamugaragaza. Murabona? Ico ni co Ijambo ry'Imana riri. Ni Umuco ukayanganira mu mwijima.

Fata nk'igihe wumvise nk'induru mu cumba, yumvikana nk'iyidatahuritse neza; umurwi w'ibintu kanaka bivuza induru, kandi ukaba utazi ivyo ari vyo. Ca watsa itara, wihuta… Imijogoja n'inyenzi, ni abana b'umwijima. Kandi iyo umuco urabije, bica bishwiragira.

“Batuvuyemwo kuko batari abacu,” Bibiliya niyo yabivuze. Murabona? Ntibashobora kuba mu Muco w'isi… Kuko, Imana yo mw'Ijuru yarungitse Umuco waYo mur'ino minsi ya nyuma, kugira umurikire inzira y'abana baYo, kugira boye kugendera mu mwijima ngo bahave batsitara, ariko kugira bagendere mu Muco w'ugukayangana kwa Yesu Kristo, Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose. Amen!

41 Nimwihweze, Satani ntiyiswe imana y'igihe na kimwe kîndi uretse kino gihe. Nico cari icipfuzo ciwe kuba nk'Imana, uhereye ubwa mbere na mbere.

Reka ivyo tubisome. Turafata gusa igihe cacu. Reka dusubire ku… Murabona, navyanditse, Yesaya 14. Dusubire inyuma hano muri Yesaya 14, umunota umwe gusa, hanyuma turabe ico Imana yavuze. “Iyo mana,” ico Satani yakoze. Yesaya 14:12 na 14. Nimurabe.

> *Ewe kuntu ukorotse uvuye kw'ijuru, wa nyenyeri yo mu rubungubungu we, wa mwana w'umutwenzi! Ewe ingen' uciwe ugashika hasi, wewe watsinda amahanga!*
>
> *Wari waribariye mu mutima, uti Nzoduga nje mw'ijuru, nkuze ingoma yanje isumbe inyenyeri z'Imana (abana b'Imana, ubu): uti Nzovyagira ku musozi w'ikoraniro mu ruhande rw'impera y'i buraruko;*

Cari co cipfuzo ca Satani gusengwa nk'Imana. Yahitanye ivya bitatu bibiri, ivya bitatu bibiri vy'inyenyeri zo mw'Ijuru. Yiduza hejuru y'izo nyenyeri, azibwira ubutumwa, maze azimiza ivya bitatu bibiri vyazo. Murabibona? Vyiza. Nimurabe, ico nico cipfuzo ciwe.

Kandi ubu naho ariteguye, hamwe n'umugeni wiwe yicaguriye mu bwitonzi, murabona, yiravye ibirangi wese mu ruhendo rw'ibizu binini-nini n'amadini manini-manini, n'amarangi y'ubwenge na tewolojiya, ni intore kandi n'incabwenge, yize, ngw'azimize isi nzima, maze abe “imana.” Ico nico yakoze. Ivyo vyose biherahereza muri wa muntu wa anti-Kristo, uwo nawe akaba yaramaze kwambikwa urugori rwitwa “umusubirizi w'Imana,” biciye ku mugeni wiwe w'ivy'ubwenge, akunda ivy'isi, yambitswe isanduruma ry'ubumenyi, indero y'ivy' ivyikidini. Yagizwe umunyedini nka we, biciye ku nsiguro yiwe bwite kw'Ijambo ry'Imana nk'uko yabikoze kuri Eva, nk'uko umana wiwe Kayini yabikoze.

Ubu wovuga uti: “Umwana wa Satani?”

42 Nyereka ahantu na hamwe muri Bibiliya aho Kayini yigeze yitwa umwana wa Adamu. Ahubwo Bibiliya yavuze yuko yari “umwana wa wa mubi,” uruvyaro rw'inzoka. Oya, ubu icari kibifutse carakuweho, mwene Data. Wa musonge wuguruwe, nk'uko impishuro yavyerekanye.

Nimwihweze ivyo azokora, ivyiyumviro vyiwe. Yiyumvira yuko Imana iri mu bwiza bw'ivy'isi. Ivyo yarabikoze mw'Ijuru. Icaha nticigeze gitangurira mw'itongo rya Edeni; catanguriye mw'Ijuru, igihe Lusiferi, wa mwana wo mu gaturuturu, yishira hejuru mu bwiza, araheza aca ashaka ubwami bwiza kurusha bumwe bwa Mikayeli. Rero yiyumvira yuko Imana iba mu bwiza buboneka.

Kandi nimurabe Kayini nawe. Ntiyashatse ikimazi kiva amaraso. Yaramanutse aca atanga ishikanwa ry'ivyamwa, canke - canke ivyimburwa vy'ubwiza ku gicaniro ciwe. Umunyedini abushitse, yarakoze vyose, kirya, neza na neza nk'uko Abeli nawe yabikoze; aratanga ikimazi, arapfukama imbere y'Imana asenga, uwumvira mu buryo bwose, ariko atagira impishuro y'Ijambo.

Yamara Ijambo niryo ryari umugambi w'Imana uhereye mu ntango. Ariko Imana yarahishuye, biciye ku mpishuro, ca kintu nyene Yĕmeza ikanagishimangira yuko ico cari co kuri. Si idini, si igicaniro, si ukuba uri uwo mw'ishengero, si ugutanga ibimazi, si ukuba umunyakuri; ariko biciye ku mpishuro y'Ijambo ry'Imana. Imana Imuhishurira ivyo ico ca…

Nyina wiwe ntiyariye ipome inzoka yamuhaye, ariko yagiraniye imibonano mpuzabitsina n'umuperesona wa Satani, mu mero y'igikoko; atari igikoko gikwega inda hasi, ariko cari igikoko ciza cane, giciye ubwenge kuruta ibindi vyose vyari biri mur'iryo tongo, casa n'umuntu, ico nico gusa urubuto rwaco rwari rushoboye kuvangana n'urwiwe. Ubushakashatsi buriko buragerageza kukirondera. Ntibazokwigera bagitora, kubera amagufa yose y'umubiri waco yarahinduwe. Ariko Bibiliya iravuga ko ar'uko biri.

43 Mwihweze rero ico uwo muntu agiye gukora ubu. Uwo muntu, “azokwicara mu rusengero rw'Imana,” ni ukuvuga, ishengero, “yiyerekana ubwiwe ngo ni Imana.” Nimba ivyo mushaka kubisoma, biri mu cete ca Kabiri c'Ab'i Tesalonike 2:3 na 4, be no mu Vyahishuriwe Yohana 13:4,11 na 12; aho abo bavugishwa bompi, Paulo na Yohana, bavuga ico yobaye ari mu minsi y'iherezo. Mubisome, kuko nari navyanditse hano. Ariko nda…ubu rero kugira ducungure umwanya.

Iki gihe tubayemwo, muri Bibiliya, citwa “umunsi w'umuntu,” umunsi w'umuntu. Uwu si umunsi w'Imana. Imana si imana y'ino si; Bibiliya ivuga yuko Itari yo. YoYo ni Imana yo mw'Ijuru. Ariko uwu si umunsi w'Imana.

Uwu ni umunsi w'uguhitamwo. Kimwe, ubeho kubw'uyu munsi, hanyuma upfe; canke uhitemwo Imana, hanyuma ubeho. Kandi Imana ni Ijambo, Ijambo naryo ni Ijambo riba rigaragajwe kubw'iyo saha n'uwo munsi.

44 Nimwihweze: “umunsi w'umuntu.” Nimba mugomba kuvyandika, nagira ndabisome. Ariko 1 Ab'i Korinto 5:1-5… Mu b'i 1 Korinto 4:1-5, murantunga, 1 Ab'i Korinto 4:1 na 5, Paulo yariko aravuga ku bijanye no gucirwa urubanza n'umuntu, mu munsi w'umuntu.

Mwovuga muti: “Uwu munsi, uwitira iki umunsi w'umuntu?” Ni umunsi aho ibikorwa vy'ubwenge bw'umuntu bishimagizwa.

Rabe ivyo bintu, ubwo bwibone bwose bw'abakominista, aho umuntu agerageza gushikana umuntu ku kwezi. Imana naYo Iriko iragerageza gushikana umuntu mw'Ijuru. Murabona? Yamara nimurabe ukuntu bariko barakoresha amamiliyoni n'amamiliyaridi n'amatiliyaridi y'amadolare mu twigoro tw'impfagusa. Iyo bashitseyo, nta na kimwe basangayo. None bafise ingorane nyabaki?

Sititayeho ivy'ukwezi. Nshaka kurengana ukwezi nihuta cane ku buryo ntazonakubona; nzoce nibandaniriza nduga hejuru cane. Nshaka kurengana Inyenyeri, mbandanye, ngume nibandaniriza. Egome!

45 Uyu munsi rero isi iriko irihebera ubwenge bwavuye kuri Satani. Kandi umunsi w'umuntu urashimagizwa, bidaciye kw'Ijambo ry'Imana, ariko biciye ku bwenge afise.

Ubu rero mwiyumvire. Mureke bino binyengetere. Kandi nimwasubira kuvuza iyi bănde, mushitse kuri hano, muzoce muhagarika akanya gato hanyuma mwiyumvire.

Ibikorwa vyiwe bishizwe hejuru y'Ijambo ry'Imana n'ibikorwa vyaYo bigaragajwe; bwa bwenge bwa Satani, bumwe yaha Eva mu ntango. Ubu rero nimwumvirize; ibi ntibibacike. Ubwenge bwa Satani bushizwe hejuru ku ntebe y'ubwami y'ugusenga, mu muntu, hejuru y'Ijambo ryemejwe ry'Imana kubwa kino gihe. Amashengero yacu ivyo aremeza biciye ku maseminari yayo - yayo, amashure yo kwigiramwo, aho biyumvira yuko bize vyinshi kurusha ico Ijambo ry'Imana ribiziko. Kandi ng'aho, Dogiteri *naka*, na Mwigisha *naka*, na Porofeseri *naka* barashize hejuru ubwenge bwabo bwite, ivyitwa (biva kuri Satani) ko ari ukuri, hejuru y'isezerano ry'Imana remejwe, ryashizwe ahagaragara neza na neza imbere yabo. Hanyuma umuntu akavyemera. Murabona?

Ibikorwa vyiwe vy'ubwenge, bigerageza kwerekana ko Ijambo ry'Imana atari ukuri. Nimuvyiyumvireko. Wé, yiwe, ni kuvuga tewolojiya y'umuntu, isobanurira Ijambo ry'Imana abantu, igaca irituma ridasubira kugira ubushobozi, nka kumwe yabikora mu gihe c'ikidini igihe Yesu yaseruka kw'isi. Yesu yababwiye ati: “Mwa ndyarya mwe! Mwebwe biciye ku migenzo yanyu,” ni kuvuga insobanuro yabo, “mwafashe Ijambo ry'Imana murigira iritagira ubushobozi ku bantu.” Kandi ivyo nivyo bongeye gukora uyu munsi. Nta bushobozi Rifise.

46 Nimwihweze, “Ba,” abantu, “bamushize hejuru y'icitwa Imana cose.” Mbega mub'i 2 Tesalonike ntihavuga yuko bobikoze? N'ububasha bw'ishengero ry'ikidini, abantu bizera iryo dini kurusha ukwo bizeye

Imana. Kandi Imana ni Ijambo. Bizera nemeye z'ikidini hejuru y'Ijambo, ibica "bimushira hejuru y'icitwa Imana cose." Kandi hari Imana imwe Nsa, iYo naYo ni Ijambo.

"Hejuru y'icitwa Imana cose; rero we nk'Imana yicaye mw'ishengero ry'Imana, yemeza yuko ari Imana," kuko yatumye abantu bamusenga. Imana ni Ijambo. Rero yishira hejuru y'icitwa Imana cose. Kandi hari Imana Imwe nsa, Iyo Mana naYo ni Ijambo. Murabona? "Kandi hejuru y'icitwa Imana cose," n'ukuvuga ko, imana ya kino gihe yishize hejuru y'Ijambo ry'ukuri ry'Imana ryemejwe. Aho ni muri Yohana Mweranda 1. Murabona? "Hejuru y'icitwa Imana cose, ku buryo we nk'Imana yicaye mu rusengero rw'Imana," afise n'ububasha.

Nimurabe, kandi aranabishimagirizwa! Ôo, reka abantu, Mana, babone urwo ruhendo! Arabishimagirizwa, kandi arizewe icese n'abantu bo muri kino gihe kibi. Ubu rero mwabonye imana ya kino gihe kibi n'abakozi bayo?

47 Ubu rero reka turabe ingene bigaragazwa. Avuga yuko ariko arabakorera isi nziza yo kubamwo, akoresheje ubwenge bwiwe yirengagije Ijambo ry'Imana ritigera rinanirwa. Ariko biciye mu gukoraniriza abantu hamwe kwiwe, mu madini, na za nemeye, n'ubumenyi, n'ubwenge, n'ibindi, ariko arakorera umuntu isi nziza yo kubamwo, akirengagiza isezerano ry'Imana, yuko igihe kimwe gusa isi izoba ibereye kubamwo ari muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi. Murazi, ukwo jewe ndabibona, isi yayigize ahantu heza ho gucumurira aho kuba ahantu ho kuba.

Nimwihweze. Mbega ivyo yarabikoze? Icaha yarakigize icemewe n'amategeko. Kunywa wisiki, gutumura itabi, yarabigize ivyemewe n'amategeko. Hanyuma mu mashengero naho, yaremeje ko bihuye n'amategeko yuko umugore ashobora kuba umunywanyi w'ishengero, afise imishatsi migufi. Ubu rero, nimuhagarare akanya gato.

48 Arashobora kwambara amabutura, akîraba amarangi, kandi akaguma ari mu murwi wiwe w'idini, ivyo navyo bikaba binyuranye rwose n'Ijambo ry'Imana. Avuga ko ari vyiza. Murabona ubwenge bwiwe? "Ivyo bifitaniye isano ki n'umugore?" Neza na neza ni nka kwa kurya ku camwa kibujijwe, canke kutarya ku camwa kibujijwe, ukwo nikwo bimeze. Imana yavuze ngo ntabikore, ariko arabikora.

Kandi umugore nawe aramwizera, akanabimukundira. Aranka Imana. Ibikorwa vyiwe bwite birerekana ko aYanka. Avuga yuko aYikunda, ariko akunda Satani. Asenga imana y'imideri, imana y'isi, za manakazi zo muri Hollywood. Aramukunda, ariko akanka Ijambo ry'ukuri ry'Imana, Iryo naRyo rikaba Ari Ryo Mana Yonyene Ibaho.

Arabigira ivyemewe n'amategeko mu mashengero. "Ntaco vyonona. Abagore bacu barashobora gukora *ibi*, *birya* canke *biriya*." Ariko mu Nyonga z'Imana nzima, ntanemerewe no kuhaza, kiretse yihanye.

Arabona, ni imana y'ubwiza bw'isi, nico ari. Umugore ashaka kuboneka ari mwiza. Nawe ni imana y'ubwiza, uhereye mu ntango. Arashoboye, kandi yarashoboye biciye ku bwenge bwiwe mu vy'ubushakashatsi n'ibintu bitandukanye, gukora ubwiza kubwa, kino gihe c'akarorero…nakwo kino gihe ca none, c'ikibi. Caragizwe ic'ubwiza.

49 Murabe. Ni ivya nkenerwa kubiraba neza. Mu ntango, Seti n'abana biwe ntibigeze bajana inzira y'ubushakashatsi.

Ubu rero tugira tuvuge ku bijanye n'ubushakashatsi akanya gato. Nimba mvuze ibi, si kugira nishigikire mu kutamenya kwanje; ariko, umurwi w'ibitazi, n'ico cose gihakana Ijambo ry'Imana. Murabona? Ata nkeka.

Birakwiriye kwihwezwa neza. Nimubirabe. Abana ba Seti ntibigeze bajana inzira y'ubushakashatsi. Bari abungere basanzwe, abarimyi, n'ibindi.

Ariko abana ba Kayini barayijanye. Kubera iki? Bahumekerwa na se wabo, wa murwanizi. Kayini, ahumukewe na se, umurwanizi, abo nabo bahumekerwa n'urwo rubuto nyene mu ruhererekane.

Nimura urubuto rw'Imana ukuntu ruza ruhererekana muri buri gihe, mwongere murabe aho ruriko rurashika uyu munsi. Abakristo, Abakristo nyakuri ntibahangayikishwa cane n'ubushakashatsi bw'ubwenge n'ibindi nk'ivyo. Oyaye. Hinge gato gusa, turabishikako.

Ariko Kayini yarabikoze, bivanye na kamere ya se wabo, wa murwanizi, yuzuye ubwenge bw'isi, ubwiza, n'ubumenyi n'ibindi. Abana ba Kayini bari abashakashatsi. Bari incabwenge. Bari abavuzi b'ibicurarangisho vy'umuziki - umuziki; Elvis Presley wa none, bumwe muri bwa bupfu ubuyobozi bw'ishure bureka bukabera, ng'aha mw'ibarabara buri wa Gatandatu mw'ijoro. Abubatsi b'ibisagara, abagira abagore beza kubw' ivyipfuzo vyabo bwite, nk'uko umurwanizi aha abagore amarangi, bakongera bakamwa imishatsi, akabambika amabutura, n'ibindi nk'ivyo. Bobo, ni kubw'ivyipfuzo vyiwe vy'umucafu. Ibi birakarishe cane, ariko sinzi ubundi buryo na bumwe nobivugamwo.

50 Ubu rero, turazi yuko ubutumwa bwiza bwa Satani ubutumwa bwiza bw'ubwenge n'iterambere.

Yarabuvuze muri Edeni; Atari Imana; Satani niwe yabuvuze, ubwenge bw'iterambere. Ubwenge n'iterambere nivyo butumwa bwiza bwa Satani. Nimurabe aho yadushikanye uyu munsi, hamwe navyo. Murabona?

Nimwihweze, yarabwigishije muri Edeni, kuri nde? Ku mugeni wa Adamu. Maze nawe arabwemera. Yaramuhenze mu kumushikana aho akekeranya kuri rimwe mu Majambo y'Imana. Hinge turabe ivyo ashobora kuba yaravuze. Ategerezwa kuba yavuze ati: "Gupfa ntibihuye n'ubushakashatsi, muri iri shengero ryeranda." Canke, "Uzokwigishwa wongere uhabwe ubumenyi, kutizera ibintu nk'ivyo vy'ubusazi nk'urupfu. Sinitayeho nimba Ijambo ry'Imana ryarabivuze; ni ubusazi.

51 Ôo, nimumurabe uyu munsi. "Imana ni Imana nziza. Uri mw'ishengero ryaYo ryeranda; erega, ntushobora gupfa." Ariko Imana yavuze yuko wopfuye, ivyo birakwiye. Mbega muramubona uyu munsi? "Nube umunyeshengero gusa. Ntibivana n'ivyo ukora, canke *iki*, *kirya*, canke *kiriya*. Nuze kw'ishengero gusa hanyuma ube umunywanyi mwiza. Kumwa imishatsi yawe, ntaco bivuze. Kwambara amabutura, kwîraba amarangi, no kuja mu butambiro, kunywa akayoga gakeya rimwe na rimwe, ntaco bizogutwara, igihe cose utazorenza urugero. Mu vy'ukuri, nipfuza ko namwe bana mwosomako, kugira bumve ko bayikunze canke batayikunze." Ng'iyo rero, imana ya kino gihe, kino gihe kibi.

"Imana ni Imana nziza." Ivyo naravyumvise cane gushika n'aho binsesema. Vyongeye kandi Imana ni Imana y'ukugororoka. YoYo si umusokuru ageze mu za bukuru atakigira utuguvu n'ubwenge bukwiye ashobora guhenagurwa, abuzukuru biwe ntibabekw'icaha na kimwe. Ni Imana y'ukugororoka n'ubweranda. Ivyo yaravyemeje mw'itongo rya Edeni, ku bana baYo ba mbere. Urenganye uwo murongo, wa rimwe mu Majambo yaYo, uba upfuye. Ico kintu nyene kirakora uyu munsi.

52 Kandi ni murabe, yigishije Eva ubwo bwoko nyene bw'ubutumwa bwiza bw'ubushakashatsi, ikibano, inyigisho, n'amajambere, kandi uwo mugeni wa Adamu yarabwizeye. Kandi yarashoboye kwuzuza ayo majambo nyene uwiyita umugeni wa Kristo, ishengero rya Adamu wa Kabiri. Ukwo ni ukuri.

"Ôo, atari - atari ku Mana; Imana ni nziza cane ku buryo ivyo itobikora. Kuki, upfe kuba uja kw'ishengero gusa. 'Nimba wizera.'" N'umurwanizi arizera; atari uwigira uwizera, ariko arizera vya nyavyo. Ariko ntakijijwe. '"Ngo nimba wizeye gusa.'" Huh!

Abwira umugeni wa kabiri, canke umugeni wa Adamu wa kabiri, bimwe nyene yabwira uwa mbere. Ibintu nk'ibi ngo: "Ugukiza kw'Imana, nta kintu nk'ico kibaho. Ivyo turashobora kuvyemeza. Nta cemezo na kimwe kirigera kiboneka." "Kandi uwo mubatizo mw'Izina rya Yesu, mbega ntimubona ko ari jewe nyen' ububasha mw'ishengero?" niko avuga. "Ivyo twarabitunganije i Nikeya, i Roma," igihe za mpwemu zitatu zihumanye zasohoka ziva muri ca gisato, ba bavugishwa b'ibinyoma, n'ibindi. "Twizera yuko hariho ubutatu bw'Imana." Ewe jewe! Ubwo ni ubupagani bweruye. Ntuze wigere uza imbere y'Imana hamwe n'ikintu nk'ico, hanyuma ngo ugeregeze guhagarara mu Nyonga zaYo. "Ôo, nta tandukaniro na rimwe rihari nimba ubatijwe mu vyubahiro vya 'Data, Mwana, Mpwemu Yera.' Ivyo bifise itandukaniro nyabaki?"

53 Vyaragize itandukaniro rinini, ku buryo Paulo yategetse umugwi umwe w'Ababatista yuko bategerezwa gusubiramwo kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo imbere yuko Mpwemu Yera abazako. Kandi vyatumye iyo ntumwa isemerera n'ijwi rirenga, iti: "Naho yoba umumarayika amanutse ava mw'Ijuru maze akabigisha ibinyuranye n'ibi, arakavumwa." Ata nkeka, birafise itandukaniro. Ôo, bagenzi!

"Nta kintu c' Umubatizo wa Mpwemu Yera kibaho muri bino bihe. Ivyo vyari ivy'Intumwa gusa. Vyararenganye. Canke ikintu nk'ico ngw'abavugishwa? Ntikinazwi. Ibitangaza? Ntibihuye n'ubushakashatsi. Malaki 4? Ivyo vyări ivy'ikindi gihe. Yohana 14:12? Ôo, Yesu si vyo yashâka kuvûga. Luka 17:30? Ôo, uwo wâri umugani gusa. Murabona, biso - bisobanuwe nabi, ntivyari mu nkomoko. Ubujuju nk'ubwo!

Mu gihe Imana Mushobora vyose Imanuka hagati ivyemeza. Mu gihe Ivuga iti: "Yesu Kristo Ni wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose," Iravyemeza kw'ari ukuri. Sinitayeho uwubihakana; Imana niYo isobanura Ijambo ryaYo bwite. Yavuze yuko Yokoze bino bintu mu minsi y'iherezo. "Ku kagoroba hazobaho Umuco." None ehe Umuco ng'uyu, kubwo kugaragazwa kw'Umwana w'Imana.

54 Rya zuba nyene riserukira mu buseruko ni ryo rirengera mu burengero. Umuvugishwa yavuze ati: "Hazoba umunsi utazoba ushoboye kwitwa ijoro canke umurango." Ni umunsi w'ibipfungu, ibicu, bisa n'ibifutse izuba. Ariko yavuze ati: "Mu gihe c'akagoroba Umuco uzokwongera guseruka." Wa Mwana w'Umuhungu nyene. Ni Alufa na Omega. Wa Mwana w'Umuhungu nyene yaserukira mu buseruko vyari vyaravuzwe yuko azokwongera guserukira mu burengero, mu minsi y'iherezo, neza na neza imbere yuko umunsi urangira. Sinzi ingene baBisobanura; Imana niyo isobanura Ijambo ryaYo bwite. Iraryemeza. Iki ni ca gihe c'akagoroba.

Birababaje, ariko yarongeye kuja narwo kandi ata nkeka. Umugeni wa Kristo yaragiye narwo, yitoraniriza ubwenge mvamutwe bw'umuvugabutumwa kanaka wo mw'iseminari aho kwizera Ijambo ry'Imana ryemejwe, ritagira agatosi.

55 Ubu rero bakozi b'Imana muri hiyo mu gihugu aho muri hose, murashobora kumbure kutemeranya n'Iki. Sindiko ndababababaza. Ndiko ndager... Ndiko mbwira umurwi wanje bwite. Ndiko ndagerageza gusa... Nimba mwipfuza kuguma mwicaye, biraza kumpimbara Ibi muvyumvise. None rero nimuvyumvirize. Murabona? Kimwe gusa ndiko ndababwira ivyo bamaze - ivyo bamaze kubona, nongera ndabibereka; Imana ivyemeza, ukwo ni ukuri. Murabona?

Iki nico gihe. Ntihakenewe umuntu n'umwe wo kuBisobanura. Ubwenge bwanyu bw'isi nta kintu na kimwe bufise... Ushobora kuba ufise Indangabumenyi mu vy'Indimi, Indangabumenyi mu vy'Ubumana, Indangabumenyi nkuru mu vy'Indimi, canke iyo ari yo yose; nta na kimwe ivuze. Imana ubwaYo niyo isobanura Ijambo ryaYo. Yarabisezeranye, none ng'ibi.

Ariko biciye ku bwenge bwa seminari, ivugabutumwa ry'ikidini, "vyatumye isi yose itangarira ca gikoko cakira uruguma rwocishe," vyavuye mu vy'igipani gushika mu vy'ígipāpa. Murabona aho uwo mugore ariko araja? Aravyizera. Arizera ubwenge amubarira.

56 Ni, ubu rero mwihweze, ni abo bageni bompi bări barehejwe bĭzēye ubwenge bwa Satani bunyuranye n'Ijambo ry'Imana. Umugeni wa Adamu yarizeye ubwenge bwa Satani bunyuranye n'Ijambo ry'Imana, n'Umugeni wa Kristo yĭzēye ubwenge bwa Satani, muri kino gihe kibi c'ubumenyi, bunyuranye n'Ijambo ry'Imana.

Kandi nimurabe. Eva mu buryo busanzwe, yaravyizeye, araheza ata ubwoko muntu bwose mu rupfu. Uwo ni wa mugeni asanzwe ! Adamu, wa muntu asanzwe wo kw'isi; umugeni wiwe, imbere yuko amwabira, nk'umugore wiwe, yataye ubwoko muntu bwose mu rupfu. Bihura n'ubushakashatsi canke bidahura, turapfa nta kabuza, kuko Imana yari yavuze ko twopfuye.

Waba uri muri Edeni nyeranda, canke mw'ishengero ryeranda, canke mw'idini ryeranda, canke ukwo coba kwose, uzopfa umunsi utazokwizera Ijambo na rimwe ry'Imana ry'Imana ko ari Ukuri, mu gihe rigaragajwe rikanemezwa kuri wewe. Uwo niwo munsi uba witandukanije n'Imana. Ntibisaba iryungane ryose; Ijambo rimwe gusa. "Uwuzokwongerako n'ijambo na rimwe, canke agakurako na Rimwe," uwo ni wo munsi uba upfuye.

57 Nimurabe, umugeni wa Adamu yateje urupfu rusanzwe ku bwoko bwiwe, ubwoko muntu.

Umugeni wa Adamu wa Kabiri, wa mugeni arehejwe wa Kristo, yatāye ishengero ryose mu rupfu rw'ikidini, mu kwakira ikimenyetso ca ca gikoko, biciye ku madini manini-manini y'ivy'ubwenge, n'ubumenyi. "Turi Ababatiste. Turi Abaperesipiteriyano. Turi Abapentekote," n'ibindi. "Dufise ibi, twifitiye ubutunzi bwinshi. Twebwe, turazwi na reta. Turi kw'isi yose," n'ibindi vyose nk'ivyo. "N'abantu b'intoranywa, umukuru w'igisagara, n'abandi, baza ng'aha iwacu. N'Umukuru w'igihugu ahora aza gusomesha imisa hamwe natwe, maze tukaza kw'*ibi*, *birya* canke *biriya*. Isi yose yatawe mu rupfu rwa mpwemu rw'ikidini; ishengero ryose. Ryarapfuye!

Muvuga muti: "Uriko uravangatiranya ibintu vyinshi cane."

Yesu yavuze ati: "Nk'uko vyari bimeze mu minsi ya Nowa, aho harokotse imishaha umunani, niko bizoba ku kuza kwa wa Mwana w'Umuntu." "Mu minsi ya Loti, aho batatu ari bo bavanywe muri Sodomu, kuri uwo minsi..." Ubu rero, hariho haza hari umugwi uza waramaze gusohoka, muvyibuke. "Ariko, nk'uko vyări biri, aho Wa Mwana w'Umuntu azogaragarizwa." Ni murabe ni umunsi ki, murabe igihe tubayemwo!

58 Ubu rero yatumye isi yose yemera uburongozi bw'ubumenyi bw'indinganizo y'inyigisho ivyo Satani yamuhaye mw'izina ry'ishengero, uburongozi bw'indinganizo y'vy'inyigisho, n'ivy'ubwenge. Ndiko ndabashushaniriza imana y'ino si.

Mu gihe we, nka Eva, yari afise ukunengesera kw'Ijambo ry'Imana mu biganza vyiwe, yari kuba yafashe Ijambo ry'Imana. Ariko none yaRikoreye iki? Aho kurindira umubatizo wa Mpwemu Yera, yaciye areka ubumenyi buramwemeza yuko Mpwemu Yera yari uw' abigishwa gusa.

Aho kubandanya ugukiza indwara mu buryo bwa Kimana, aho yari kuba ariko arazura abapfuye yongera akora n'ibitangaza bihambaye; yararetse Satani, biciye mu burongozi bwiwe bw'umunyedini, afata Ijambo ry'Imana maze aca agerageza kuvuga yuko Ryari iry'ikindi gihe. Kandi yaravyizeye.

59 Mu gihe, Bibiliya yavúze iti: "Ivyo nkora, namwe muzobikora." Ivyo ni Yesu yabivuze. "Ni mugende mu mahanga yose, mwigishe Ubutumwa Bwiza ivyaremwe vyose." Turacari ivyaremwe. "Ng'ibi bimenyetso bizokurikira uwo wese wo mur'abo bazoba bizeye." Arahakana buri gace nk'Ivyo.

Arahakana ivy' indengakamere vyose, yabisubirije n'ukwo ivyiyumviro vyiwe bibona Bibiliya; aho abapatiri, ba data beranda, nk'uko bavyiyita, aho abepisikopi, abepisikopi bakuru, aho abakurambere b'akarere, abagenduzi bakuru, n'ibindi, baRishizeko insobanuro yabo bwite. Imana nayo yarabavuyemwo, bicaye ng'aho, băpfuye nk'ejo.

Ibintu bisigaye gusa mur'iyi minsi ya nyuma ni umurwi w'abapenteko bafise ibikoresho vy'umuziki

bavuza n'urwamo rwinshi, biruka irya n'ino mw'ikoraniro, bavuga mu ndimi bongera bavuza induru, "bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bagahakana Ijambo ryakwo." Babwire kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo; baca bakwitwengera. Ariko, aho, Imana ibandanya ikora kwa kundi nyene, yemeza Ijambo ryaYo ko ari Ukuri.

60 Ni murabe, ca giti Satani yasunikira Eva kuryako, cari "igiti kimenyekanisha iciza n'ikibi." Cari igiti kivanze.

Ubu rero nimurabe kino gihe tubayemwo, aho Iriko irahamagara Umugeni asohoke. Afise ishengero rivuga ko ririko rirakora ivyiza, kandi ari ibibi, mu guhakana Ijambo. Igiti kivanze. Ôo, mwovuga muti: "Ba - bafise amashirahmwe ahambaye. Ba - ba - ba - barafasha muri *ibi*. Kandi na rya Shirahamwe ry'Umusaraba Utukura rirabishigikiye. N'amashure yose, ba... Nimurabe hano!"

Ôo, ariko nuhakane gusa Ijambo rimwe, ivyo vyonyene birakwiye kugira upfe; ntaco bitwaye ukwo uri incabwenge, ukwo ari vyiza kwose. Yesu yavuze ati: "Umwambiro muke wambira irobe ryose." Agafu gake k'umwambiro konona irobe ryose. Ijambo ry'Imana rimwe, rishizwe ahatari ho, ryonona Igicapo cose. Vyomera gute hamwe ukuboko kwanje kwoja ahategerezwa kuba hari ukuguru kwanje? Murabona? Vyomera gute iyaba ugutwi kwanje kwari aha hepfo aho ikiganza canje kibwirizwa kuba? "Umwambiro muke wambira irobe ryose."

Muvuga muti: "Uzi gute ko ari vyo?" Imana niyo yemeza ko ari ukuri. Irabigaragaza. Yarabivuze hano mw'Ijambo, kandi iravyemeza. Ukwo nikwo tumenya yuko ari ukuri canke ko atari ukuri.

Guhakana gusa Ijambo rimwe nico bisaba gusa kugira upfe. Vyagize za ngaruka nyene muri kino gihe kibi, urupfu rwo muri mpwemu, nk'uko vyazanye urupfu rwo mu mubiri ku bwoko muntu bwose.

61 Nimurabe ukuntu Satani yifatiye ico gihe c'ubwenge hariya inyuma, ca Nowa, mu kwishimikiza ubwenge bwabo bwite. Huhm! Bibiliya iratubwira, mu Migani, iti: "Ntitwishimikize ubwenge bwacu bwite." Kandi, "reka ijambo ry'umuntu ryose ni ribe ikinyoma, Iry'Imana ribe Ukuri." Ariko Satani akoresheje ubwenge bwiwe, uhereye mu ntango mw'itongo rya Edeni, yatumye abantu bishimikiza ubwenge bwabo bwite. Kandi murazi, biciye ku bikorwa bihambaye vya Max Factor [Ihinguriro rikora ibintu bijanye no kwimonora - Ums.] yakoze hariya inyuma, yarashikanye abagore kuba beza cane ku buryo vyatumye umwana w'umuntu...abana b'Imana, nakwo, bagwa mu caha maze barabarongora. Neza. A... Abagore bari beza cane, b'akaranga cane.

Nimufate umugore asanzwe mw'ibarabara uyu munsi. Benshi muri mwebwe barasomye ya nkuru; ntimurigera muyumva, kuko ni iya kera cane. Pearl O'Brien, ni bangahe bamaze kumwumva? Ata nkeka. Yafatwa nk'umugore wa mbere mwiza cane kw'isi. Kuki, nta umwana n'umwe w'umunyeshure aja kw'ishure uyu munsi atari mwiza incuro zibiri kumurusha. Ni kuber'iki? Ubwiza bw'abagore butegerezwa kubaho mu minsi y'iherezo.

Bamoye imishatsi yabo. Babambika uduhuzu tw'utwana duto tw'udukobwa. Barambara amaputura, bikinisi [Uduhuzu two musi abagore bambara bari ku musenyi wo ku kiyaga - Umus.], ukwo muvyita kwose, barazambara. Bariraba amarangi, n'amarangi yo ku munwa, be n'ubwo bwoko bwose bw'ivyo bintu, kugira babe ikintu kanaka batari. Murabona? Ariko biciye ku bumenyi bw'ubwenge ivyo bashoboye kubishikako. Murazi ko amahera akoreshwa, muri Amerika, mu bijanye no kwikora kw'abagore, arengeye, incuro zibiri canke zitatu kurusha, ayakoreshwa mu bifungurwa bitubeshejeho? Ivyo vyaremejwe, ukwo ni ukuri, mu bijanye no kwikora.

62 Nimurabe, "abana b'Imana babonye abakobwa b'abantu," atari abakobwa b'Imana, "abakobwa b'abantu, yuko bari beza," maze bica bituma abana b'Imana bagwa muri ubwo buzimire. "Maze bitoraniriza bamwe bo mu bagore nk'abo barabarongora," ivyo bica bituma kiba igihe c'ubusambanyi, neza na neza nk'uko biri uyu munsi; nk'uko vyari bimeze i Sodomu, nk'uko vyavuzwe ko vyobaye bimeze uyu munsi.

Ivyo, igihe abagabo n'abagore b'uyu munsi bakabukanya abagore. Iyo badakunze uno mugore, baca - baca bagenda i Reno, muri Nevada, bagaca babirana; kandi, canke bagaca bahukana, n'uwo, bagaca bongera kurongora mu minota cumi n'itanu ikurikira. Kandi abagore nabo ni beza cane ku buryo bigoye kubihanganira. None ni ibiki? Wa murwanizi. Murabona ko Satani akiri muvy'ubwiza? Nimurabe.

Nimwihweze, ico caha ntibigeze bagiharirwa. Ico gihe ciza, c'ubushakatsi cari kibi cane ku buryo Imana yagisanganguye igikura kw'isi; ico igihe ciza, c'ubushakatsi. Yesu yavuze ko bizokwongera kumera gurtyo imbere y'ukuza kwa wa Mwana w'Umuntu. Mbega ni ukuri? Nimurabe neza, Yesu yavuze ati: "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Nowa, niko bizomera mu mūzo wa Wa Mwana w'Umuntu," igihe bose băgerageza kurongora... Ubu naho nimurabe, "Abana b'Imana baciye barongora abakobwa beza-beza b'abantu," kandi Imana ntiyigeze namba ibaharira kubw'ico.

63 Neza na neza nyene nka ya nyigisho ya Balamu, yatumye ba bagore beza cane, bize, b'abanyabwenge b'i Mowabu ku...hamwe na ya maso yabo atera ukwipfuza, amarangi yiwe n'ibimota neza vyiwe, amarashi yiwe amota neza cane, mu kuzimiza abana b'Imana; biyobagiza abagore babo

ubwabo bakora ibikorwa bafise n'amabavu mu minwe yabo, batisiga amarangi. Barabazimije, bavuga bati: "Reka twabirane, kubera twese turi bamwe." Ico cari ikinyoma!

Cari i - ikinyoma, n'igikorwa c'umurwanizi, kugira atume abana b'Imana barongora a - abakobwa b'abantu. Cari ikinyoma c'umurwanizi, kuri Balamu, uwo muvugishwa w'ikinyoma, mu kugerageza kuvugishwa arwanya Mose nawe akaba yagerageza kuzigamira ubwo bwoko hamwe; kuvuga ngo: "Neza, twizeye Imana imwe. Dutanga ibimazi bimwe. Dufise ibimazi bimwe. Ibintu vyose tubikora kumwe."

"Biregeranye cane ku buryo vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyoshobotse." Murabona? [Agace katavuga kuri bǎnde - Umw.] Bantu, nimusohoke muve iwe! Ntaco muhuriyeko nawe!

64 Nimurabe neza, ntivyasa n'uko Imana yosobanuriye Ijambo ryaYo urunganwe rubi rwa Kayini. Oya. Imana ntiyobasonuriye Ijambo ryaYo. Nimurabe... [Agace katavuga kuri bǎnde - Umw.]

Imana, bwa bwenge bwatuma isi iba nziza cane kandi y'ivy'ubwenge n'icaha, Yategerejwe kuyirandura? Mbega Imana yokora ivyo, kugira isi nziza cane; nimurabe hano, Imana igira abakobwa baYo beza cane, ikababambika mu buryo butey'isoni, ku buryo abana baYo babipfuza hanyuma bagakora ubushakanyi? Iki? Imana ikora ikintu gisa nk'ico?

Uwu mugwi w'Abanyalawodikiya bari gusa, bagenda amenya, basenga imana y'ino si, biciye ku nyifato nziza yabo, inyigisho, ubukerebutsi n'ubwiza! "Nimusohoke muve iwe," niko Bibiliya yavuze, "mwoye gufatanya n'ivyaha vyiwe, mwoye guhabwa ku vyago vyiwe." Imana izogwisha imvura y'amabuye ivuye mu majuru umunsi umwe, rimwe rizoba ripima nk'ibilo mirongo ine na bitanu, kandi izomusangangura mu kumutera amabuye; nk'uko Ijambo ryaYo ryamye rivuga ko ibikora, amabwirizwa yaYo.

Neza, nimba Imana yarakoze ikintu nk'ico, ikaba yarahishuriye Ijambo ryaYo abantu nk'abo, Yoba iriko - iriko iragwanya intego yaYo bwite. Imana si ikijuju. Ni Yo sôko y'ubwenge bwose.

None rero murabona iyo ubwo bupfu bwazananye? Bwazananye kuri Satani, kandi bwama ari ubwa Satani. Kandi ishengero ryarabwizeye.

65 Ubu rero murabona, bakenyezi, ndiko ngerageza ukwo nshoboye mu kubereka Ijambo ry'Imana. Bibiliya ivuga iti: "Iyo umugore amoye umushatsi wiwe, aba asuzuguye umutwe wiwe," uwo nawe akaba ari umugabo wiwe. Kandi umugabo wiwe niwe mutwe, hamwe n'Imana, rero aba asuzuguye Imana n'umugabo wiwe.

Rero ibi vyerekana uwuri ku mutwe w'iyi mikorere y'ishengero ry'isi. Ivyo birerekana umutwe wavyo uwo ari wo. Ni Satani, mu mero y'umuntu adasanzwe, umuntu w'incabwenge, ubwenge budasanzwe. Azi vyinshi kurusha abasigaye bose. Ntaco gitwaye ico Ijambo rivuga cose, we a - arifitiye insobanuro yiwe bwite kuri Ryo, murabona, insobanuro kubwa kino gihe kibi.

66 Nimurabe imigambi yo kwubaka ishengero ry'ikidini ridasanzwe, ya Nama nkuru y'Amashengero kw'Isi, idini ry'agahebuza, kugira isi yose imusenge, ca gikoko, musi y'izina ry'Ivya Gikristo vyunze ubumwe. Muripfuza kubisoma muri Bibiliya? Ivyahishuriwe Yohana 13:6 na 8. Ni umunara wa Babeli wa none.

Ntimwibuka ukuntu Nimurodi, ya ndyarya, yubatse wa munara munini maze atuma ibindi bisagara bitobito vyose bimuriha ikori? Babile na Babeli ni co kimwe. Gihindura izina gusa, ukwo kibandanya. Ni, Roma ubu ni Babuloni. Kandi isi yose ijanywe i Babuloni, ijanyweyo na ya Nama nkuru y'Amashengero kw'Isi izôtúma buri muntu wese amupfukamira. Aho muzoba muronse ikimenyetso ca ca gikoko, mutazi ivyo mwariko murakora. Kuko...

Ariko Abatoranijwe bazokwumva Ijambo bongere basohoke muri vyo.

67 Ese ukuntu idini rinyuranye n'Ijambo ry'Imana! Ntiyigeze igira na rimwe, nta na rimwe yigeze inakoreramwo, kandi ntiyigeze inakorana na rimwe. Nshaka umuhinga w'ivya kahise anyereke aho umuvugishwa yigeze na rimwe aza azananye mw'ishengero. Nimunyereke ahantu na hamwe Imana yigeze guhezagira ishengero ryari...rimaze kuba idini. Ryaca rija ku ruhande rikaba ripfuye, hamwe n'ubwenge bwaryo bw'imvamutwe buva ku murwanizi, biciye ku barongozi babo, ryǎnse Ijambo ry'Imana mu gihe Ryǎriko rirakura rigana mu rugero rutunganye rwa Kristo. Ubu bigeze ku mutwe. Ese ukuntu binyuranye!

Nimwitandukanye n'uwo Eva atizera, yemwe bane b'Umuco w'akagoroba!

Satani, imana ya kino gihe kibi, biciye ku bwenge bwiwe, ariko atuma abantu barya ku giti ciwe kivanze c'iciza n'ikibi. Nimurabe, Satani, akoresheje ubwenge bwiwe, ariko atuma abantu bo muri kino gihe kibi barya ku giti ciwe c'iciza n'ikibi. Avuga yuko ariko arubaka iterambere rya Rukristo rihambaye, akoresheje ubwenge bwiwe bw'iciza n'ikibi, iterambere rya Rukristo rihambaye.

Ariko wa Mugeni muto wa Kristo, w'Inkumi, Jambo, bwa Busho buto, ntibitayeho ubwenge bwiwe. Aguma ari kure yiwe, yidegemvya kuri we. Ni iki... Ubu rero reka tuMuvugeko, gato. Arindiriye Umwami

WiWe n'ukwezi kwa buki kwa ya Nganji y'Imyaka igihumbi YiWe, neza, ari kumwe n'Umukwe-Jambo, nk'uko nawe ari Umugeni-Jambo.

68 Ubwenge n'iterambere, hamwe n'Ivya Gikristo nyakuri, nta na kimwe bihuriyeko. Iterambere, be n'ivya Gikristo nyakuri nta kintu na kimwe bihuriyeko.

Iterambere rica ku bwenge. Ivyo twese turabizi. Ubwenge nabwo bwavuye muri Edeni, yaravyemeje, biciye kuvyo yigishije muri Edeni. Kandi ubwenge buzana urupfu. Mbega ni vyo? Ni igiki cazanye urupfu mw'itongo rya Edeni? Ubwenge. Ariko ntibushobora kuba ubw'Imana, kubw'ivyo ni ubwa wa murwanizi. Wôo, mbega ico nticari ikintu ciza! Ubwenge, ubumenyi, inyigisho, niyo ntambamyi ihambaye cane Imana yigeze kugira. Ni ivya wa murwanizi.

Ndazi ko nzoronka amakete kuri ivyo. Ndayarindiriye.

Nimurabe ico imigenzo yadushikanyeko ubu. Murabona? Nimurabe ico yakoze. Turi hehe? Twĭshimikije ivyo bintu, biciye ku bwenge bwacu bwite, kubw'ubushakashatsi bwacu.

Muvuga muti: "Imana naYo gute, wibaza ko ataco izi?" Ôo, oya.

Imana izoshiraho ubwoko bw'iterambere ryaYo bwite kw'isi, niyamara gushikira Inganji yayo. Iyi n'isi ya Satani; we ubu ni imana y'isi yiwe y'ubwenge bw'ivy'ubushakashatsi. Ariko Imana izoshiraho ubwoko bw'iterambere ryaYo bwite. Ntirizoba ari iterambere rimeze nka rino. Ivyo gusa muvyibuke. Ntibuzoba ari ubu bwoko bw'iterambere nk'iri dufise uyu munsi. Oya, oya. Rizoba rihuye n'Ijambo RyaYo n'intumbero yaYo. Kuko, imana ya kino gihe kibi ca none, izosanganguranwa n'ubwami bwayo.

69 Kino gihe ca none gikunda ubwenge nticoronse umurongozi mwiza aruta uwo baronse, Satani, umwononyi w'Ijambo ry'Imana, nk'uko yabitanguriye mw'itongo rya Edeni, ariko ni umunyedini yishimikiza ubwenge bwiwe bwite.

Nk'uko nari nabivuze kare, mu Migani 3:5, yuko, "Tudategerezwa kwishimikiza ubwenge bwacu bwite."

Bategerezwa kugira imana, kuko ari abantu. Nawe, yabagiriye ico bashaka. Nk'ikiremwamuntu, igihe cose, ibiremwamuntu vyose ... Igihe twaza hano, twasanze Abahindi nabo basenga ibigirwamana, n'izuba, n'ibindi. Nk'ikiremwamuntu, bategerezwa kuba bafise imana. Rero na kino gihe gihambaye c'ubumenyi gitegerezwa kuba gifise imana, rero cahindutse... Imana y'ino si yahindutse ubumenyi, idini, ubwenge, "bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bahakana Ubushobozi bwako."

70 Nimwihweze, imana yabo ibakorera ivyo bashaka. Bafise ukwipfuza kw'umubiri, ivyo nivyo ibaha. "Bashaka kwiyambarira bikinisi. [Uduhuzu two musi abagore bambara bari ku musenyi wo ku kiyaga - Umus.] Bareke bazambare. Murabona? Nimba bagomba gukora *iki*, canke *kirya*, bareke bagikore. Ntaco vyonona; baraja kw'ishengero. Nyina wabo yari Umumetodiste, Umubatiste, Umupentekote, Umuperesipiteriyano. Nimubirekere."

Iyo rero ni imana ya kino gihe; intŏre, umunyabwenge, umushakashatsi. Ntibisaba ukwizera. Ntibikeneye kurinda kwemeza ikintu na kimwe. Biza vyamaze kwemezwa n'ubwenge bwabo. "Neza, nitwe shengero rinini kurusha ayandi aha mu gisagara," ubumenyi bwabo. Umwungere wacu afise Indangabumenyi mu vy'Ubumana, Indangabumenyi nkuru." Murabona, ntibakeneye ukwizera; bishimikiza ubwenge. Nibibereho ukwo ari kwo kwose, igihe cose baza kumusenga biciye kw'idini ryabo na nemeye. Ng'ico ikintu kibatyoza cane, ariko bisaba kubihanga amaso.

Barashinyagurira Ijambo ry'Imana, bakavuga ibintu binyuranye n'Ijambo; kandi barageragეza, bakoresheje ubwenge bwabo, kwerekana mu buryo bw'ubushakashatsi yuko Ijambo atari ukuri. Ôo, Mbega igihe tubayemwo! Murabona imana ya kino gihe?

71 Nimurabe, ariko Imana irarindiriye gushika ibigabitanyo vya bano Bamori ba none binengesere. Ntimugire ikibazo, Izoba yamaze kwironkera Mose waYo yiteguye ico gihe. Hazobaho ukuvayo, umunsi umwe, baja mu gihugu c'isezerano. Hazobaho Mose azoza, azobahamagarira gusohoka, "agarukane Ukwizera kw'abana kuri ba data." Bizoza, umwe wo muri ino minsi. Yara...

Muvuga muti: "Irabire nawe ukuntu turiko turatera imbere."

Ni vyo, ibigabitanyo vy'Abamori ntibiranengesera. Bizoza, umwe wo muri ino minsi. Bareke bihonye ubwabo.

Iterambere, ubumenyi vyonona Ijambo ry'Imana kugira barigire irihuje n'ibibaryohera ubwabo. Buri dini ryose rikora ukwo nyene. Satani rero yigisha ubutumwa bwiza bwiwe bw'ubwenge mw'ishengero ryiwe bwite.

72 Hari imigwi ibiri gusa y'abantu ivugwa mw'Isezerano Rishasha. "Abana b'Imana be n'abana ba wa mubi." Ivyo mwari mubizi? Murashaka kwandika Icanditswe kibivugako? 1 Yohana 3:10, nimba mushaka

Icanditswe. Ndiko ndabisoma ng'aha nyene, navyanditse. Neza cane. Neza cane.

Mu Banyefeso 2:2, bitwa "abana b'umugararizo." Nka kumwe Eva yari ari, ni abagarariji kw'Ijambo ry'Imana. Abana bumvira, n'abatumvira, ntaco basangiye.

Ni gute Umugeni wa Kristo ashobora kwifatanya n'idini, mu gihe umwe agarariza uwundi nawe yumvira? Ni gute umwe ashobora, kuba Ijambo; uwundi nawe akaba Ijambo ryononywe? Ni gute umugore w'umusambanyikazi n'umugore atunganye bashobora kugendana bahuza? Ntiboshobora kubikora. Nta sangira bafitaniye na gato. "Sohoke muve muri bo!" Ni ivy' umurwanizi. Ni ikimenyetso ca ca gikoko. Ariko aragana neza na neza muri co; amadini yose. Sinitayeho ngo ni aya bande.

Imana naYo iriko iratoranya, atari amadini, "Ihanga kubw'Izina ryaYo." Amadini ntazokwakira kuno Kuri kwose. Bizosaba umuntu ku giti ciwe ashoboye kubona Imana, akaraba Ijambo ryaYo hanyuma akaryizera, kandi akaba atari umunywanyi w'idini; ariko abayeho kubw'Imana, atari kubw'idini ryiwe, ubwenge mvamutwe bw'umwepisikopi kanaka canke yigishijwe n'ikindi kintu. Ukwo ni ukuri.

73 Abana b'umugararizo n'abana bumvira ntaco basangiye. Umwe wo mu...ni uw'umunsi w'Umuco; uwundi nawe ni uw'ijoro n'umwijima, igihe kibi, kino gihe kibi c'umwijima, ubutambiro bw'ijoro, intambo, n'ubwo bir'ukwo akaba ari umunyeshengero. Ku mana yabo nta ngorane. Nta kibagiriza kuri ivyo; nta kibateye ingorane.

"Erega, nta kwagirizwa ngira moye umushatsi wanje," niko umugore umwe yavuze. "Ntibinyagiriza mu mutima." Nta gatimanama agifise co kimwe nk'ukwo inzoka itagira ikiyunguyungu. Ukwo ni ukuri. Ntako agifise koko. Ntazi ico ari co gatimanama. Karakomantajwe cane gushika aho atakizi ako ari ko. Ukwo ni ukuri. Ukwo ni ukuri.

Bagenda hirya no hino, bahonyanga Ijambo ry'Imana, bavuga ngo: "None, uwo ni umutama w'ikijuju. Ntuje hariya; ni umurwi w'induru n'ibishikashika, nta bindi." Huh! Nta vyinshi bazi ku Mana nk'uko Umuhotanto ["Hottentot" ni ubwoko bw'abasangwabutaka baba canecane mu bugaragwa bwa Kalahari - Umus.] ataco yoba azi ku bijanye n'ivya Egiputa. Ukwo ni ukuri. Ni ukuri.

"Bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bagahakana Ubushobozi bwakwo; abameze bartyo ubatere ibitugu. Kuko abo ari bo banyegêtera mu mazu, bagatwara abagore batagira imitima."

"Ôo, mukundwa, uri, utegerezwa gukora ibi. Ôo, mukundwa, ndibaza urya mutama wawe w'ikijuju w'umuvugabutumwa hiyo epfo, hamwe gusa wo... Ôo, wosa neza wambaye kinisi," [Uduhuzu two musi abagore bambara bari ku musenyi wo ku kiyaga - Umus.], canke ukwo muvyita kwose. "Wewe, hamwe wokora *ibi* vyose, *birya* na *biriya*. Erega, agatabi ntawe kogirira nabi. Nanje ndi umunywanyi w'ishengero, kandi urazi ko idini ryacu rizwe neza co kimwe n'iry'uwundi wese." Ntiwemere ivy'uwo mubeshi wa kera yiravye amarangi. Ariko araguhenda. Ukwo ni ukuri. Egome, mushingantahe.

74 Ku mana yabo nta ngorane. Ôo, yiyumvira ko ari vyiza cane, kandi ivyo barabiyikundira.

Mugenzi, bazoguhaririza. Bazoca bahaguruka vyihuta babiguharirizeko. Erega, ata nkeka, na Satani yarahagaze neza na neza, imbere ya Yesu Kristo, Ijambo, maze aca agerageza kuvuga, ati: "handitswe ngo."

Na We Yari ng'aho, Ijambo ry'Imana rigaragajwe. Yaciye amubwira ati: "Mperera inyuma Satani!" Aca aragenda, akora vya bindi nyene.

Ni nk'umuntu umwe yigeze kumbwira igihe kimwe, avuze ati: "Ubu rero, nimba wizera ko umubazo wa Mpwemu Yera ari ukuri, kandi ukaba wizera yuko uMufise," avuga ati: "Numpumishe rero." Uwo yari umuvugabutumwa. Avuga ati: "Numpumishe!" Avuga ati: "Umunsi umwe Paulo yarahumishije u - umuntu umwe."

Nca mvuga nti: Mushingantahe, noshobora kuguhumisha nte kandi usanzwe uri impumyi? Noshobora kukwica nte kandi usanzwe warapfuye?" Huh-Huh.

Aravuga ati: "Jewe, amaso yanje arabona neza ijana kw'ijana!"

Nca mvuga nti: "Mu buryo bw'umubiri; ariko uguma uri impumyi."

"Ntibishoboka! Bibiliya ntisobanura ibintu. Tuvuga iyo Bibiliya ivuze, tugacereza iyo icereje."

75 Nca mvuga nti: "Neza cane, igihe Eliya yari hariya epfo i - i Dotani, murabona, haca haza ingabo zose c'Abasiriya zirabakikuza. Maze umusuku arirukanga avuga ati: 'Biracitse, databuja!' avuga ati: 'Biracitse, databuja!' avuga ati: "Abasiriya batuzungurutse."

"Eliya yihanagura mu maso, aravyuka avuga ati: 'Hari benshi cane bari kumwe natwe barengeye abari kumwe nabo.'"

Avuga ati: "Nta n'umwe mbona."

"Aca avuga ati: 'Mana, humura amaso yiwe.' Yari impumyi. Maze araraba hiryo no hino y'uwo muvugishwa w'umutama, no ku misozi; hari huzuye Abamarayika, n'imikogote y'Umuriro, n'amafarasi y'Umuriro."

"Niho yaca asohoka hanze, kandi Bibiliya ivuga ngo: 'Nukwo abatamwo uruhuni.' Uruhuni ku giki? Kuri we. Yaciye asohoka, avuga ati: "Murondera Eliya?"

"Egome, niwe turondera."

"Avuga ati: 'Nimuze, ndabarangire aho ari.' Eliya abajana kubereka Eliya. Impumyi!"

Nca mvuga nti: "Urazi ico ngira ndakubwire? Neza na neza kimwe Umwami wanje yabwira so, 'mperera inyuma.'" Uh-uh. Uh-uh.

76 Nimurabe, abana bumvira, n'abatumvira, ntaco basangiye. Abatumvira basenga imana yabo. "Ôo," bavuga bati: "Turizera Bibiliya." Egome, ni igiti kivanze. Murabona, baYongerako isi n'ubumenyi. Igiti ca Satani, kivanze; murabona, yarîye ku giti ca Satani, iciza n'ikibi. "Ôo, Turizera Ijambo." Nivyo, ariko atari Ryose. Eva nawe nyene yarizera Ijambo, ariko aca areka - areka Satani azana igiti ciwe aRyononako gato. Ukwo nikwo biri.

"Uwuzokwongerako ijambo na rimwe, canke agakurako Ijambo na rimwe kuri Co." Aracari wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Nimurabe. Neza cane.

77 Kino gihe kibi, ni ic'umwijima, n'aho bir'uko ni ikinyeshengero. Imana yabo barayibikundira, ivyo ibemerera gukora. Nta kibagiriza bagira. Ntaco binona igihe cose ari abanywanyi b'ishengero.

Ivyo nyene nivyo Balamu yigishije ishengero. "Reka tuje hamwe; twese turi bamwe." Ayo niyo yari amayeri ya nyuma. Imana ntiyigeze namba ibaharira kubona barizeye ikinyoma nk'ico.

Nimwibuke, cari icaha kidaharirwa, incuro zitatu zose muri Bibiliya, ku bantu bose bongerako n'ijambo na rimwe ry'insobanuro yabo bwite kw'Ijambo ry'Imana inyuma y'aho riba ryagaragajwe yuko ari Ukuri.

Mw'itongo rya Edeni, neza na neza, mw'itongo rya Edeni, ijambo rimwe ryǒngewéko ryazanye urupfu.

Igihe Balamu yongerako ijambo, ngo: "Twese turi bamwe," bo, Imana ntiyigeze namba iharira Isirayeli kubw'ico. Bose bahoneye mu bugaragwa, kiretse bamwe batatu Imana yakuramwo.

Yesu yavuze ati: "Bose, barapfuye," ni ukuvuga ugutandukana kw'Ibihe Bidashira. Bose barahonye; ntibigeze baharirwa. Ni icaha kidaharirwa; ntibigeze baharirwa. Ôo, bagenzi!

Nimubihunge, yemwe bane b'Imico yo ku kagoroba!

78 Mbega ubu naho murabona umurongozi wa kino gihe kibi, ca none, c'ikidini? Ni wa murwanizi, afata ico giti c'iciza n'ikibi, akagishira aho hanze, murabe neza, ariko arazana umugeni-shengero wiwe mwiza muri ya nama mpuzamadini kubw'ubugeni. Ico ni ciza. Ishengero ryiwe ryiza ry'ivy'ubwenge, rifise n'i - n'i - n'impapuro indangabumenyi zose bashobora kuronka; Indangabumenyi nkuru yo mw'ishengero rya Kristo, Indangabumenyi nkuru yo mu Babatiste, Abaperesipiteliyano, Abapentekote, n'abo bandi bose. Ariko arayazana yose, hamwe n'imyambaro yabo isharije n'amashengero manini-manini, bose muri ya nama mpuzamadini, "Turi umwe." Ntibazokwigera babiharirwa. Idini, kwambara icapa c'idini, ni ikimenyetso c'igikoko. Turamaze kubicako hano; kubikora. Nimubihunge, bane, nimubihunge! Murabona? Ishengero ryiza, rihambaye, rigiye mu bugeni mpuzamadini, ryambaye ikimenyetso cayo.

Amabutura, koko, impuzu z'isi, z'urushirasoni, amarangi, abigishwa babushitse b'umurwanizi, kugira bafate abana b'Imana; gutuma umusore mwiza yarezwe neza arongora igitandero ca kera nk'ico. Ukwo ni ukuri. Mbega i...

79 Muravuga muti: "Kumwa umushatsi bifitaniye isano nyabaki?"

Mwene Data, reka aho tuhahagarare gato. Ndumva yuko hariho umuntu atavyakiriye neza. Kumbure hashobora kuba ari hanze mu bariko batwumviririza kuri terefone ahantu kanaka.

Nimwumvirize. Umushatsi ku mugore ni isezerano ry'ubunaziri. Umushatsi kuri Samusoni wari isezerano ry'ubunaziri. Rero iyo umugore amoye umushatsi wiwe, aba - aba ahakanye yivuye inyuma isezerano ryiwe ry'ubunaziri ry'uko ari Umugeni wa Kristo. Kubera, ng'aho, kuri ico kimwe, aba yononye Igicapo cose. Ni ukuri. *Umunaziri* ni "uweguriwe Imana kubwo intumbero kanaka." Mbega ukwo ni ukuri? Samusoni yari yareguriwe Imana kubw'igihe no kubwo intumbero, kubw'ivyo yari afise imishatsi miremire. Umugore iyo ari umwana w'Imana, arareka imishatsi yiwe igakura, kugira vyerekane ko yeguriwe Imana kubw'Ijambo ryose ry'Imana.

Ayimoye, sinitayeho ukuntu atamba kwose, aririmba, ari mu mugwi w'abaririmvyi, avuga mu ndimi, yiruka irya n'ino, canke akaba afise ubwoko bwose bw'amashirahamwe atanga imfashanyo, aba apfuye. Iyo ni NIKO UHORAHO AGIZE, Ijambo ry'Imana. 1 Ab'i Korinto 14. Egoo. Aba ahakanye isezerano ryiwe ry'ubunaziri agaca yongera akigurisha ku mana ya kino gihe ca none. Arabikora. Ubu rero, urateye isoni, mupfasoni, canke nawe mugore!

Abafashi b'abana b'Imana koko, nk'uko vyamye. Nk'uko Yesu yavuze ati: "Ukwo vyari bimeze mu minsi ya Nowa, abagore beza, maze abana b'Imana baca batangura kurongora muri bo, niko bizoba bimeze igihe Umwana w'umuntu azogarukira." Imana yabo ibona yuko ari ivy'akaroruhore, bitey'igomwe, vy'ubwenge, n'ubumenyi; imideri yo muri Hollywood, yakorewe mw'iduka ryayo bwite, ata nkeka, na zino zose zifata ku mubiri n'ibindi nk'ivyo, murazi.

80 Naryo, ishengero ryayo, riravyikundira! Ôo, bagenzi "Nshaka ko umenya, yuko ndi Umumetodiste. Jewe ndi Umuperesipiteriyano. Umwungere wacu arafise ubwenge bukwiye ku buryo ata kintu nk'ico yovuga." Nta n'ubwenge bukwiye afise bwo kuvuga ivyo Imana ivuga rero. Murabona?

Wewe, ishengero, ivyo rirabikunda cane. Rirabikunda. Ivyo nivyo ryashaka! Ntazokwifatanya na kimwe, mwene Data, canke ngo aze mu kintu na kimwe kimusaba gukora nk'ikintu gitandukanye n'ivyo bano ba Yezeberi ba none bari, kuko iyo ari yo kamere iri muri we.

Ni gute woshobora kugira iyindi kamere... "Ninde muri mwebwe yoshobozwa n'amaganya kwisumvya uko yareha nk'ukuboko kumwe?" Nimba wavutse kugira uzogire uburebure bw'ifuti zitanu [m1, 50] ntuzogira ifuti zitandatu [m1, 80.] Ôo, egome, nka ya "mashini igorora."

81 Nimwumvirize rero, bagabo, mwa mugwi w'utugabogabo mwe! Nimba mwavutse kugira mube abagabo, nimwifate nk'abagabo nyene. Ivyo mishatsi igwa mu maso hanyu, ipfunyiranije mu buryo bukwēgêra ukwipfuza, kuki, mwa runganwe rwononekaye rw'inzoka mwe! Mufise ingorane nyabaki n'ubwo bir'ukwo?

Imana yanje izocira urubanza umunsi umwe kino gihugu ikoresheje umuriro. Izocibiza musi y'ibahari. Igihe c'urubanza rwaYo kiregereje cane. Isi yose izorandurwa.

Ukwononekara kw'amadini! Ukwononekara kw'abantu; abagabo ntibanazi kw'ari abagabo, n'abagore n'uko nyene. Arahagarara yambaye isarobeti y'abagabo, canke utubutura twa kera, izo impuzu zi...ukwo atambuka kwose, n'ingene umubiri wiwe uremwe, hanyuma akiyita Umukristokazi. Si n'umupfasoni, tureke Umukristokazi. Ni imaraya yo mw'ibarabara ikoreshwa na Satani, ihumekerwa na Satani, kugira ngo irungike abana b'Imana muri gehinomu, kugira ngo bishitse Ijambo Yesu Kristo yavuze ko ryoshitse. Si ico nari nshatse kuvuga, ariko Yarabivuze, n'ubwo bir'ukwo. Mbega murabona iyi mpwemu y'ikidini aho ituruka? Ca giti kivanze.

82 Muvuga muti: "Izo pantaro zitwaye iki?" canke ukwo bazita kwose, "izigera hepfo y'amavi?" canke ico ari co cose.

Bibiliya yavúze yuko, "umugore wese yambara impuzu yagenewe umugabo, ari igisesema imbere y'Imana." Iyo ni UKU NIKO BIBILIYA IGIZE.

Kandi umugore azomwa umushatsi wiwe, aba asuzuguye umutwe wiwe. Kandi ntibina... Ni icaha ku mugore gusenga afise imishatsi migufi, niko Bibiliya yavúze, gusenga mu bantu umutwe wiwe udatwikiriye. Rero nawe...

Ôo! Uvuga uti: "Jewe nca nambara inkofero."

Wa ndyarya we, wigisha abo bagore ibintu nk'ivyo! Mu gihe, Bibiliya yavúze yuko "yahawe umushatsi nk'umwitwikiro," atari izo nkofero kanaka zakozwe n'umuntu. Ico nico Bibiliya yavúze. Ntibinyega; negwa gusa no kubabwira Ukuri. Ntimube abahemu, nk'uko Bibiliya yavuze, "mu kugoreka Ijambo ry'Imana," kugira - kugira bashitse canke - canke bahuze n'ivyipfuzo w'umurwi w'utugoregore.

83 Hano ndafise ijambo *ikibi*. Nanditse "Elvis" aho kwandika "*evil*," *ikibi*. Ni hafi co kimwe. Iryo jambo *Elvis* risigura "akayabu," ijambo *Ricky* naryo risigura "imbeba." Igihe uba uvuze "Ricky muto" uba uvuze "kabeba." Ico umwita nico ari. Nimba umwana wawe yîtwa ukwo, rihindure vyihuta, kubwo Ubutumwa Bwiza. Ntukite umwana...

Nturigera wumva amazina nk'ayo muri Bibiliya, canke mu kindi gihe na kimwe. Ni iki gihe, izina rya kino gihe. Nimba harigeze kubaho imbeba n'ubuyabu vyononekaye, biri ng'aho.

Ibi vyose...ibikoresho vy'imiziki vy'amamiliyoni y'amadolare, n'abo bana bato bagendagenga aho hanze, badashobora no kuja kw'i - ishure badafise ikintu kiri mu gutwi, n'akaradiyo gato ka kera mu mifuko yabo, za "Buuuuh-Buuuuh!"

Baraje hariya muhira, tuca tura... Abo bahungu bariko baragerageza gusiga irangi inzu yanje.

Twaciye tuvuga duti: "Nimukure ico kintu ng'aha. Nimba mudashobora gukora mutafise, nimuce muhagarika akazi. Kirambujije amahoro, sinshobora no kuguma hafi ya hano. Kino kibanza twaraceguriye Imana. Ntidushaka ubwo bwoko bw'iyo miziki itagira umutwe n'amaguru yo muri iyi minsi y'iherezo hano." Nca mvuga nti: "Bizimye canke muhagarike akazi."

Nimurabe neza, ni abanyedini, n'ubwo biri ukwo, ôo, ata nkeka, baragenda neza na neza kw'ishengero bagahagarara mu rwinjiriro bariko barumviriza iyo miziki y'isi icafuye.

84 Nimwihweze kandi, Umugeni-Jambo wa Kristo ariko nawe arashika ku gasongero. Nk'uko tubona aho anti-Kristo ariko aragana, ukwo yatanguriye hariya inyuma, ubu naho ariko arashika ku gasongero; inama mpuzamadini izobishira munsi y'umurongozi w'ishengero. Kandi na rya Shengero rito ryăza, naryo, Umugeni-Jambo wa Kristo yazananye mu bihe, ariko araza ku Mutwe, kuko agiye kongera kugirwa umwe n'Umukunzi Wiwe. Igihe cose, neza nk'ukwo bimeze kw'ishengero n'ivyo bintu vyose bindi, bitegerezwa kunywana. Rwa Rugano, n'ikindi kintu cose, rugaruka kuba uko rwari ruri rugitangura; nka Kayini na Abeli. Uwo Mugeni-Jambo ariko arashika ku gasongero mu Muperesona w'Ijambo ry'Imana ryagaragajwe muri kino gihe kibi tubayemwo. Murabona iyo biriko biraja?

85 Kandi vuba Satani azofata umugeni wiwe w'incabwenge hanyuma ashire hejuru uwo muntu ahambaye, uwo nawe akaba ari anti-Kristo, bwa buyobozi bw'ivy' ishengero, maze amwicarike ku ntebe y'ubwami, "kandi isi yose izomutangarira."

Kristo nawe azoca aza. Kandi abo babiri ntibashobora kuberaho icarimwe. Ubwami bwiwe buzofatwa; azoca asangangurwa.

Hanyuma Kristo, Ijambo w'Imana... Kukaba nkako, umugore ni igice c'umubiri w'umugabo. Si babiri; ni umwe. Rero Umugeni, Ishengero, Ijambo, "abantu băhamagariwe gusohoka bava aha na hariya, kubw'Izina ryiWe," bazonywanira mu Mubiri wa Yesu Kristo.

Hanyuma ubwami bwa anti-Kristo buzoca bufatwa bwongere busangangurwe. Maze Kristo azoca aja ku ngoma, avyagire ku ntebe y'ubwami ya se Dawidi, maze aganza kw'isi imyaka igihumbi; Ishengero azoca arishikiriza Imana, "ritagira amarabaga canke akanenge!" Egome!

86 Ubu rero nimurabe umushatsi wiwe muremure, isezerano ry'ubunaziri kw'Ijambo. Hinge ndabashushanirize Umugeni wa Kristo. Twashushanije anti-Kristo, aho ari, umunyedini n'ibintu vyose, ubushakashatsi. Rero uwo Mugeni muto aciye bugufi wa Kristo yīzēra Ijambo gusa, uwo aba ari we wese. Ni abantu ku giti cabo. Ndizigira kandi ndizera ko hariho benshi bicaye hano kano kanya, benshi bariko barumviriza. Kandi ndizera jewe ubwanje, na buri umwe wese muri mwebwe mwese, yuko turi abagize uwo Mugeni. Ndizera ko ari benshi. Kandi, bizoba, abatoranirijwe kumuba bose bazomuba, kubera ni yo kamere yabo. Barabona. Ijambo rishoboye kwemera Ijambo gusa. Ntirishobora kwemera idini canke ubuzimire. Riratandukanya ibintu; ni Ijambo. Murabona? Nta kindi rishobora kwemera...

Urugano nta kindi rushoboye kuba atari urugano. Rwatanguye ari urugano; ruzoheza ari urugano. Kandi urwamfu ntirushobora namba kuba urugano, n'ubwo ruvomērwa na rya sigwa nyene. Murabona? Ariko si urugano. Nka kumwe nabivuga wa munsi, ku bijanye na ca giti cari gifise amashami atandukanye muri co.

87 Umushatsi wiwe muremure, isezerano ry'ubunaziri, werekana yuko afitaniye isezerano n'Imana. Ikanzu yiwe nziza y'Ijambo ryiWe ryasezeranywe kubw'igihe abayemwo, imuzungurutse, imwemezanya naWe, mu Abaheburayo 13:8, "Yesu Kristo Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose." Kubera ari igice c'Umukwe-Jambo, aMubera umwizigirwa muri vyose.

Ubu rero nimwihweze. Nka hamwe umugore yosohoka akaba asanzwe yabiriwe n'umugabo kanaka, maze agasohoka agasambana n'uwundi mugabo akagiranira imigenderanire nawe, maze akagaruka ku mugabo wiwe, yategerezwa guca amwirukana. Mbega ukwo ni ukuri? Ategerezwa kumubera umwizigirwa, kuko yarabimuraganiye.

Umugeni wa Kristo nawe yaraganiye Kristo; UWo na We ni Ijambo.

Habe no kuvunira akagohe uwundi wo ku ruhande; umugore ntiyanategerezwa kuvunira akagohe uwundi mugabo. Ntiyategerezwa kugira ibimenyetso, canke ngo yerekane ibishika na gato kuri we, kuko ari umugeni w'umukwe umwe rudende.

Ntidushaka na kimwe kuri ivyo biti vyanyu vy'uruvange, ayo madini yanyu. Nimube abizigirwa kuri Kristo, Ijambo. Azoryemeza ko ari iry' Ukuri. Oyaye, mushingantahe, habe n'igishika ico ari co cose c'ikintu cose kijanye no kuba mu rukundo nawe, nta kwifatanya n'imigwi yiwe canke ikindi kintu, canke ngo umureke agufate mu maboko yiwe canke kukwitaho, canke - canke kuganira nawe kuri *iki* na *kiriya*.

Wumviriza Ijwi rimwe risa. "Intama zaNje zirazi Ijwi raNje. Kandi icaduka ntizizo..." Ijwi ryiWe n'iki? Ijwi rya buri muntu wese ni ryo jambo ryiwe. NaRyo niRyo ry'Iri, Bibiliya, ntihagire ijambo na rimwe

ryongekwa kuri Yo canke ngo rikurwe kuri Yo. Nimugumane gusa ubudatirigana n'iryo Jwi. "Icaduka ntizizogikurikira," idini.

88 Nk'uko Ari igice c'Umukwe, aMubera umwizigirwa muri vyose, arindiriye bwa Bukwe. Ukunywana, atari muri rwa runani mpuzamadini; ariko mu kirere, kuri wa Munsi Mukuru w'Ubukwe. Yarahawe... Ibi ni kubwo ishengero ryacu bwite. I… Yarahawe, yongera Arahishurirwa ya mabanga ya ya Mashashara Ndwi yo muri Bibiliya. Murabona? We Arabona ubusazi bwa wa munyaruhendo, yegeranye cane n'Ukuri, ku buryo ahakwa no kuzimiza Abatoranijwe. Arabibona. A...

Mbega murabona izo mpwemu zibiri zirwanyana ziriko zirakora muri kino gihe kibi? Murashobora kubibona? Imwe yose ni inyedini koko, Kayini na Abeli, izo mpwemu ziriko zirongera gushika ku gasongero kazo, ziracari nka kumwe nyene zatangura. Imwe isenga biciye ku bwiza, no ku bwenge, no ku nyigisho, no ku bushakashatsi, no ku nyifato nziza. Iyindi naYo, biciye mu kwizera impishuro y'Ijambo ry'Imana. Izo zompi ukwo ari zibiri zihagaze neza na neza muri iyi nyubakwa muri kano gatondo. Ukwo ni ukuri.

89 Impishuro, canke ukwizera, mw'Ijambo ryiWe, ntiyirata ubumenyi; Umukristo abushitse, w'ukuri.

Bavuga bati: " Mbega urafise i- urafise indangabumenyi nkuru?"

Ntaco yirata. "Ni - Nizeye Ijambo RyaYo." Murabona? Nta na kimwe yirata. Ntiyirata ko yize. Ntiyegamiye idini na rimwe, umugambwe n'umwe, akadumbidumbi na kamwe. Ni uwa Kristo. Umugore wiWe; atari umugore w'ishengero.

Ni umusambanyikazi. Bibiliya ivuga ko yari "maraya," kandi "NYINA W'ABAMARAYA," kandi bose baja hamwe bakaba umwe maraya nyene. Kandi umugore nk'uyo ni umugore aba ari umuhemu ku Mugabo wiWe; ariko avuga ko Kristo ariwe mugabo wiWe kandi ari umunywanyi w'idini. Mbega ubupfu! Turi abă Kristo.

90 Ariko, mu kwumvira, uwu Mukenyezi muto w'ukwizera, abeshejweho n'ukwizera, wa Mugeni; uwo muntu *hano*, *hariya*; hano, yavuye ahandi, irindi shengero kanaka, irindi dini kanaka, ico ari co cose, mu... Arizera Ijambo ry'Imana, arumvira, arindiririye mu rukundo, kwemezwa kw'isezerano ry'iki gihe. Arabirindiriye. We ni igice c'iryo Jambo, kandi arindiriye ko ubuzima bwiwe bugaragaza iryo Jambo.

Bene Data, mbega ivyo murashobora kubibona? Ndizera ko bitabaciye inyuma y'amatwi.

Umubiri urindiriye (uwo naWo ukaba ari Ijambo) urindiriye ko Ubuzima (ubwo nabwo bukaba ari Mpwemu Yera) buwemeza canke buwuha ubugingo. Ico nico arindiriye. Nta bundi buzima buzokora muri We. Ntashobora kuba muzima mu bundi buryo na bumwe. N'ubwo bir'uko, aravyumva ko biri aho, kandi arazi ko bigiye gushika; none raba ng'ibi birashitse, aho rero aca yikangura. Imana yavúze iti: "Nihabeho," Aca araseruka kumwe umwe wa mbere yaseruka.

91 Abana b'umugararizo, bisigura ukwumvira... *Ukutumvira* bisigura "ubugarariji." Nabiravye muri kazinduzi, kugira ngo nkure amazinda. Ubugarariji, kugarariza (iki?) Ijambo ry'Imana rihishuwe. Nk'uko Kayini yahishuye...yagararije impishuro Abeli yahishuriwe, ikemezwa n'Imana ko yari igororotse. Kayini yaciye ayigarariza, araheza yica mwene wabo.

Abafarisayo, hamwe n'ubwenge bwabo bwite bw'ikidini ku co Ijambo ry'Imana ryări riri, barihitiyemwo abantu, bagarariza Ijambo ry'Imana ryemejwe kandi ryări rigaragajwe kubw'ico gihe, Yesu Kristo, maze baca baraMwica. Mbega ni ukuri?

Ico nico "abana b'umugararizo" bari, umugararizo kw'Ijambo ry'Imana.

Mbega murabona ubu aho bari? "Ôo, iminsi y'ibitangaza yararenganye. Yesu Kristo ntakiri ukwo yari Ari. Nta kintu nk'Umubatizo wa Mpwemu Yera kibaho. Ivyo bintu vyose ntibigira umutwe n'amaguru!" Murabona, umugararizo! Singombwa ko bavuga ibintu bibiri; bavuze kimwe gusa, biba bikwiye. Uwo ni umugararizo, aho nyene. Ntibashobora kuvuga ko mudafise amaso, ko ata matwi mufise; mutegerezwa gufata umubiri wose, Ijambo ryose. Murabona?

Mpwemu Yera arahamagara: "Nimusohoke muve iwe, mwoye gufatanya n'imitegekere yiwe y'ikidini," mu gihe atwenga akongera agasuzugura Ijambo ry'Imana rya kino gihe.

"Kuko Imana idacōkôrwa,"Muvyibuke gusa. Azobibona. Ntimugire ikibazo. Azobibona. Bibiliya, mu Banyefeso 4:30, nimba mushaka kuvyandika, Abanyefeso 4:30 haravuga. "Imana nticokorwa. Ico umuntu abiba, nico azokwimbura." Ntibashobora gucokora no gutebura, bivugira ivyo bashatse, hanyuma ngo vyijane ukwo nyene. "Nk'uko bimeze ku mukate uterewe hejuru y'amazi, bizogaruka."

92 Uwo ni umugeni w'umurwanizi, yambitswe ubumenyi bwiwe bw'ikidini, bukunda icaha kubwa kino gihe kibi ca none, kugira ngo bibazimize. Ôo, bagenzi! Akagwi gakwiye canke amadini y'impwemu zizimiza, biciye ku bwenge bw'ubushakashatsi n'amajambere ya none! Avuga...

Tugira duheze mu minota mikeyi. Ngira mpagarike, kuko sinshobora kubimara vyose, murabona.

Avuga ko ariko arububakira isi idasanzwe yo kubamwo. Avuga ko, mw'iterambere ryiwe, yubatse amashengero meza, amashure yisumbuye, amashure, ibitaro, ububiko bw'ibitabo, n'ubufasha ku muntu bumara umwanya, ata Ijambo ry'Imana. Ivyo yarabikoze. Yaremeje ko yoshoboye kubikora. Kandi abantu barabiguyemwo; egome, mushingantahe; amashure, amadini, imico, abantu bambaye neza, abantu barya neza.

Nopfuma nja mu murongo w'abatondeye umukate, ariko nkaba ntunganiye Imana; hako noronka inkoko ikaranze gatatu ku munsi, ndi umunywanyi wa maraya nk'uyo.

93 Mwibuke, igihe kiregereje cane c'aho ca kidodo kizozira. Mwo kimwe uzoba uri muri co canke hanze yaco. Kizoza nk'uko igisuma kiza mw'ijoro. Kizobacakiriramwo ng'aho nyene, muri ng'aho. Muri ico gihe nta nzira yo kuvayo izoba ihari; uzoba wamaze kucakira. Nimusohoke!

Umumarayika yaramanutse avuye mw'Ijuru, mu maso hiwe hakayangana cane, araheza arasemerera abwira abantu. Vyaciye binyiganza isi. "Sohoke muve i Babuloni, kuko kirakomvomvotse. Mwoye gusangira ku vyago vyiwe, bantu baNje!" Sohoke muve iwe. Sohoke. Mbega ntitwabisomye mw'Ijambo, mu kanya gaheze? *Umumarayika* ni "intwarabutumwa," murabona, aramanuka. Nimurabe Mpwemu Yera: "Sohoke muve iwe, mwoye gusangira."

94 Ubu rero yarubatse ibi bintu vyose. Yarubatse amashengero akomakomeye. Yarubatse amashure yisumbuye, amashure, afata abantu arabigisha neza, mu vyitwa, iterambere ri -rihambaye. Kandi barabigishije biciye kw'iterambere rya none ivyaciye bibashikana mu manga y'urupfu, biciye ku bumenyi, kure y'Imana n'Ijambo RyaYo.

Mbega ntimubona urwo rukwegane rwose? Murabibona ivyo ga shengero? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Hariya hanze, nimba mubona ivyo bintu mu makoraniro yanyu bwite hariya hanze, vuge "Amen," abasigaye muri bo bazomenya aho muhagaze. Murabona?

Yarabikoze. Yara... Ni imana y'iyi si, kandi yarubatse amashure yisumbuye. Yarubatse amakaminuza. Yarubatse ibitaro. Yarubatse amasomero y'ibitabo. Yarubatse ibi bintu vyose kubwo gufasha umuntu vy'umwanya muto, vyo kubahendesha gusa, kugira bave kuri iri Jambo. None yabashikanye kuki? Isi y'amashengero yose yibijwe mu rupfu, kuko Imana yavuze ko yoturiye umwe maraya, n'abana biwe, n'umuriro udahera.

Sohoke mubivemwo, bantu! Ntimufatirwemwo. Je kure y'ico kintu vuba hashoboka!

Biciye ku bumenyi bwiwe bw'ubushakashatsi, ivyo yarashoboye kubikora, nimurabe rero, ata Jambo ry'Imana ririmwo.

95 Imana ntiyigeze idutegeka kugenda kwubaka amashure. Ntavyo yavuze. Ntiyigeze itubwira kwubaka ibitaro. Ni vyiza. Ntiyigeze itubwira kwubaka amasomero y'ibitabu. Oyaha, mushingantahe. Ntavyo yigeze ivuga.

Yavuze Iti: "Mwigishe Ubutumwa Bwiza." Kandi Ubutumwa Bwiza, ni ukugaragaza, ukwerekana Ubushobozi bwa Mpwemu Yera.

Paulo yavuze ati: "Ubutumwa Bwiza, bwatujeko, atari mu majambo gusa, ariko biciye mu guserura no kugaragaza Mpwemu Yera." Paulo yavuze ati: "Sinigeze nza iwanyu ndi agakura mu majambo y'ubwenge nk'umwigisha n'ibindi, ariko naje iwanyu mu bubasha n'igaragazwa rya Mpwemu Yera; kugira ukwizera kwanyu ntikwubakire ku bwenge canke ku bumenyi bw'abantu b'iyi si, ariko kwubakire mu bubasha n'izuka vya Yesu Kristo; kuko Ari Muzima, Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe vyose." Imana idufashe kwizera nk'ico kintu nyene, kandi Imana yemeze ico kintu nyene nk'uko yămye Ibikora.

96 Arabazibira ngo ntimubone impishuro y'ukuri n'ukwizera vy'Ijambo ry'Imana ryahishuwe kandi ryemejwe uyu munsi, akoresheje amashure, amasomero y'ibitabu, amayagwa, ibitaro n'ibindi. Murabona? Arabazibira ntimubibone. Ubu ariko arasobanura, nka kumwe yabikora kuri Farawo, agerageza kubazibira ngo ntimubone insiguro y'Ijambo ryemejwe ry'igihe caYo casezeranywe mu Muco w'akagoroba, wemejwe kandi wagaragajwe. Yagerageje akoresheje ubwenge bwiwe, amashure, n'abantu bize neza, inyifato nziza n'ibindi, kugira abigize kure Ivyo ntimubibone.

Ico ari co cose, kugirango ntimuzoBirabe ngo mubone ko ari Yesu Kristo! Mumenya gute ko ari Yesu Kristo? Ni Ijambo, kandi ni Ijambo rya kino gihe. Kandi kino gihe, yavuze yuko ibi vyobaye muri kino gihe, none ehe ng'ibi biriko biraba. Murabona? Murabona? Agerageza ukwo ashoboye kugira abazibire Ivyo ntimubibone.

AzoBimadikako izina ryose ribi ukwo ashoboye. Murabona? Azovyitwa "aberanda bikumbagaza," n'ibindi ben'ivyo. Yise Yesu "Beyezebuli." "Nyene urugo ko baMwise Beyezebuli, none abigishwa biWe ntibazorushiriza kubita bartyo?" Murabona?

97 Murabona, agerageza kubazibira kugira ngo ntimubone insiguro nyayo y'Ijambo. Atari ico... Murabona, ariko araRisobanura, avuga ngo risobanura *uku*.

Imana yavúze Iti: "Narasezeranye mu minsi y'iherezo yuko nobarungikiye Malaki 4." Ntibikeneye gusobanurwa. Yavúze Iti: "Nk'uko vyari biri mu minsi ya Loti, isi izoba iri muri vya bihe vy'i Sodomu; kandi muri ico gihe, Nzoca mpishura wa Mwana w'Umuntu biciye kuri ivyo, neza na neza." Turafise ubwoko bwose bw'ukwigana n'ibindi, nk'ivyo, ariko turafise n'Umwe w'ukuri, kandi. Murabona? Yaravuze ko yobikoze.

Yaravuze yuko anti-Kristo yohagurutse agahakwa no kuzimiza Abatoranijwe iyaba vyoshobotse. Ariko yavuze Iti: "Nimubareke. Nimubareke babandanye. Ubusazi bwabo buzoja ahabona." Kuber'iki? Igipimo c'Ijambo kiravyerekana. Murabona?

Igihe bishitse kuri rino Ijambo, "Ivyo vyagenze *uku*, *kuriya*? Ôo, sinizera uruvyaro rw'inzoka. Sinizera *ibi*, *birya* na *biriya*." Ntivyigeze bihishurwa, murabona, oya, namba. Ôo, mwene Data, nimurabe gusa aho...

Tugiye kurangiza, kubera ni isaha zitandatu zuzuye.

98 Nimwihweze, agerageza kubazibira ngo ntimubone insiguro y'Ijambo rya kino gihe, y'Umuco w'akagoroba uriko urasobanurwa. Ni... Bisigura iki? Igihe c'ukuvayo kiregereje, Imana Iraje kuMutora, ata nkeka. Murabona?

Ubu rero ngomba ndababaze ikibazo. Mu gihe ari isaha zitandatu zuzuye kano kanya, zirengako iminota itanu; turaza kubandanya ku mugoroba. Mbega murabona iyo mana ya kino gihe? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." - Umw.] Muravyizera? ["Amen."] Murabona uko biri, ishengero, ry'ubwenge, ubushakashatsi?

Isi yose ni iyiwe, murabona, amadini. Kandi, muravuga ngo: "Ndi Umukristo." "Uri uwo mw'idini irihe?" Erega, iyaba nari umunywanyi w'idini, sinibaza ko nobaye ndi Umukristo. Ivyo biraremereye, ariko ni ukuri.

Nari nabivuze yuko ubumenyi n'ubushakashatsi n'ivya Gikristo ataco bisangiye na gato. Kimwe ni ic'umurwanizi, ikindi ni ic'Imana. Ikintu cose gihakana Ijambo ry'Imana, nimugume kure yaco. Murabona? Oya mushingantahe. Bibiliya irahamagaye, kubw'ino minsi y'iherezo, ihamagarira Abakristo gusohoka bave kw' uwo maraya, ico giti c'ikibi n'iciza.

99 Koko, arafise vyiza. Hari n'umwe ashobora kuvuga ko ibitaro ari bibi? Oya, mushingantahe. Isomero ry'ibitabu? Oya, mushingantahe. Ukwiga? Oya, mushingantahe. Ariko murabe, ivyo bariko babibaha ata Jambo ririmwo. Murabona ukuntu ari ivy' uruhendo? Arabaha ishengero ryo kujamwo, uburyo bwo gusenga bagasenga, "imana yicaye ku ntebe y'ubwami." Bibiliya yarabivuze imbere y'igihe.

Ubu rero nawe wegukira umwe muri iyo mibiri. Hariho ibiri gusa hano kw'isi ubu, igihe cose ni ko vyamye biri, kandi niko bizokwama gushika Yesu agarutse, kandi umwe muri yo uzokomvomvorwa. Nawe rero wegukira umwe wo muri iyo mibiri. Umwe wo muri yo, warifatanije nawo; uwundi nawo urawuvukiramwo. Murabona?

Umwe muri yo, uri agace kaWo, kuko wawuvukiyemwo, utegerezwa kuba agace kaWo. Utegerezwa kuba agace kaWo. Noshobora guhakana yuko mfise ukuboko? Ni nk'uko nyene ntashobora guhakana Ijambo na rimwe ry'Imana, nimba ndi agace k'Imana. Ndi agace ka William Branham, ngizwe n'uduce, kandi buri gace kangize ni agace kanje. Kandi buri Jambo ryose ry'Imana ritegerezwa guhuza n'impwemu yanje, ritegerezwa guhuza n'umushaha wanje, ritegerezwa guhuza n'ukubaho kwanje, ritegerezwa guhuza n'ivyiyumviro vyanje. Nimba ivyiyumviro vyanje binyuranye na Ryo, aho rero Mpwemu w'Imana ntaba muri jewe. Ukwo ni ukuri. Sinshobora guhakana Ijambo na rimwe ryaRyo.

100 Wegukira umwe wo muri iyo mibiri. Bitegerezwa kuba ukwo, bitegerezwa kuba ukwo koko. Mwo kimwe ni Umubiri w'Imana, uwo nawo ukaba uza biciye kw'Ijambo; canke umubiri wa Satani biciye kw'ishengero. Kandi isi yose izotegerezwa kuba yigamiye ishengero kanaka; isenga imana kanaka. Mutegerezwa gusenga mwo kimwe iyo mana y'ivy'ubwenge, mukishimikiza ivyo mwumva biciye ku bwenge, mukishimikiza *ibi*, *birya* canke *biriya*; canke naho mwishimikize Ijambo ry'Imana, biciye ku kwizera, mwiteze ko IRyemeza kandi Irigire iry' Ukuri.

Ishengero nyakuri ry'Imana ririndiriye ukuza Kwa wa munsi w'umunezero W'Ubwami bw'imyaka Igihumbi,
Aho Umwami Wacu Ahezagiwe Azoba Aje gutwara Umugeni aMwiteze.
Ôo, umutima wanje wuzuye umunezero Mu gihe ndi mu butame, ndi maso nsenga
Kuko Umwami Wacu Agiye kugaruka kw'isi.
Ôo, Umwami Wacu Agiye kugaruka kw'isi!
Satani azotabwa mu mvuto y'imyaka igihumbi, Ntituzongera kugeragezwa.
Yesu niyamara kugaruka kw'isi.

101 Ôo, yemwe bantu ba hano muri Amerika, aho buno Butumwa buriko buraja ubu, nimuhunge ukwo mushoboye kino gihe c'ivy'ubwenge n'ubushakashatsi tubayemwo. Nimuhungire kw'Ijambo ry'Imana.

Mwebwe, jewe, nta n'umwe ashoboye - ashoboye, aRizi. Nta n'umwe ashoboye kuRyemeza. Imana niyo IRyemeza ubwaYo. Nta n'umwe afise uburenganzira bwo kuRisobanura; yaba jewe, canke uwundi muntu ntawufise ubwo burenganzira. Imana niyo Yisobanurira ubwaYo. Yaratanze isezerano. Yavuze ko ibi yobikoze mu minsi y'iherezo.

Kandi mu minsi ya nyuma imana ya kino gihe kibi yohumishije amaso y'abantu, ikoresheje ubwenge bwayo mvamutwe, ku giti cayo c'uruvangatirane rw'ikibi n'iciza, ibandanya igihako abantu. Kandi ng'iryo riraje, ico kintu kiriko kirashika ku gasongero, rya dini uhereye inyuma mu Bihe vy'Umwijima, n'imbere y'Ibihe vy'Umwijima, vyose bigeze ku gasongero muri wa muntu adasanzwe, Satani, umwe yavuga ngo: "Nzoduga nje hejuru y'abana b'Imana, nabo bazonyumviriza." "Kandi azokwicara nk'Imana mu rusengero rw'Imana, abana b'Imana nabo bazojana narwo."

102 Erega, umwana w'Imana avuga ati: "Neza, umugore wanje, nta namba; ni umuntuze mwiza..." Bandanya, wewe gusa bandanya. Murabona?

Muvuga muti: "Neza, yavuze 'abana b'Imana."' Egome, mushingantahe.

Umugabo, uwo ari we wese, yaremwe mw'ishusho y'Imana, kubwo ubwiza bw'Imana. Hanyuma umugore ni ikintu căkūwe mu mugabo, atari mu Mana. Neza. "Igihe abana b'Imana băbona ko abakobwa b'abantu ari beza, baciye bitoranirizamwo abagore."

"Kandi nk'uko vyari biri mu minsi ya Nowa, niko bizoba mu mūzo wa Wa Mwana w'Umuntu."

Ubu naho nimurabe, nimba mushaka kubona urugero ishengero rigezeko, nimurabe urugero abagore bagezeko, kuko umugore ni ishengero. Nimwihweze ivyo ariko arakora, murabona, na cane-cane muri kino gihe kibi c'igisambanyi.

Nimurabe, ntihari bwigere habaho igisagara kibi cane, c'ububisha, kiri hasi cane, c'igisambanyi kw'isi nka Nazareti, maze aho nyene Imana ica ihitoraniriza inkumi. "Mbega hari iciza cova i Nazareti?"

No muri kino gihe kibi, aho imana ya kino gihe yahumishije amaso y'abantu, n'imitegekere yabo n'amadini; muri ico gihe nyene, Imana Iriko Iritoraniriza ihanga kubwo Izina ryaYo.

Naho hano bafatwa nabi bagasuzugurwa, Umunsi umwe Azozana Abatoranijwe biWe
Imbere muri ya marembo ivyo Bizorengera vyose.
Tuzoririmba tuvuze akamo, dutambe,
Umwagazi Azoduhanagura amosozi;
Tuzogira indwi y'umunezero yo gutaha i muhira
Imyaka ibihumbi cumi ya mbere, (Ukwo ni ukuri)
Ihanga ryiza cane kubw'Izina ryiWe Ryitwa Umugeni wiWe; (Mbega ukwo ni ukuri?)
Naho bafatwa nabi bagasuzugurwa, Umunsi umwe Umwami Azozana abo Batoranijwe
Imbere muri ya marembo (muri kwa kuvayo) Ivyo Birengeye vyose kuri jewe

103 Ndiko ndasâza. Iminsi yanje iratanguye guhera. Amaso yanje atanguye kuraba ivyîjījí; kandi urumuri ruto rw'ubuzima bwanje ruratanguye kuzima. Sintinya umwijima. Kuko ngomba kuvuga ibi, hamwe na Paulo, nti: "NdaMuzi mu bushobozi bw'Izuka ryiWe." Ntaco bitwaye aho bazompamba hose, n'iyo nosoma nturi mu kiyaga, canke nkaturiririrwa mw'itanure, canke nkaribwa n'intāmbwe, Azohamagara izina ryanje, kandi nzovuga. Amen!

Dusenge.

Nimba hariho hano, canke iyo hanze ku bariko bakurikirana buno Butumwa ku materefone hirya no hino mu gihugu, mu mashengero yanyu matomato n'imirwi n'inzu z'amakoraniro, aho mwicaye hose, nimba hariho umuntu, oo, reka ndabikwemeze; reka ndakwinginge, nk'úmuvúzi w'Ubutumwa Bwiza; reka nkwinginge, mw'Izina rya Yesu Kristo; hunga uburake bw'iki gihe kibi! Ntukorere imana ya kino gihe kibi.

Ôo, ndazi yuko muvuga muti : "Ni vyiza. Bameze neza." Nivyo, igiti c'uruvange. Ntimushobora kuvanga ubwenge n'Ijambo ry'Imana.

Ni Ijambo ritegerezwa kwizerwa n'ukwizera, atari ubwenge. NtuRitahura ; uraRyemera. Uvuga ko ari Ukuri, hanyuma ukabeshwaho na Ryo. Ico nico Igusaba gukora gusa.

Nimba hariho uwuri hano muri uyu murwi wacu, ntidushobora kugira umuhamagaro wo ku gicaniro ngo tubazane hano, kubera ata kibanza kihari ; canke hariya hanze, ku bariko badukurikiranira ku mirongo y'amaterefone, nimba hariho n'umwe hiyo hanze ataMuzi. Ntimu…

104 Oo, bakenyezi, nabakariye cane muri kino gitondo, si jewe, nasubiyemwo gusa Ijambo. Imishatsi migufi, kwambara twa duhuzu tugufi twa kera, mwiyambika impuzu zerekana urushirasoni, ntimubona ko

iyo mpwemu i… Urashobora kuba utariyanduza, mushikanje, mukundwa, ku bijanye n'umubiri wawe, ariko mu mushaha wawe ntubona icakwigaruriye?

Mbega Imana yotuma umukobwa waYo aboneka nk'inshirasoni kugira yoshe umuhungu waYo bwite, amwipfuze, kugira itume bompi bishura ku busambanyi ? Mbega ivyo yobikora ga mushikanje ? Niwibaze ubwawe ico kibazo. Oyaye, biragahera. Ivyo ntuvyegeke ku Mana.

Mwene Data, imana yaraguhaye impwemu y'iyi si kugeza aho udashobora kubona yuko ivyo ari bibi ? Mbega yarahumishije amaso yawe, ku mico myiza y'ishengero, idini, za nemera, n'ibindi, ku buryo udashobora kubona ko Imana iriko iremeza Ijambo ryaYo, yongera irishira mu ngiro? Mbega akazi kawe, mbega sobuja, mbega umugore wawe, mbega abana bawe, mbega ishengero ryawe, canke ikindi ico ari co cose, vyaragutandukanije n'Ijambo ry'Imana, ari ryo sôko yonyene y'Ubugingo ? Bihunge, mwene Data ! Ndabakunda, n'urukundo rw'Imana. Nta n'umwe wo muri bene Data nubaha kubaruta, haba namba. Iyaba nabikora, noba ndobanura ku butoni. Ibi sindabivuze kugira ndabashavuze. Nerekana, mvuga bino bintu kubera biri mw'Ijambo ry'Imana. Kandi nk'umukozi w'Imana, n'urukundo rw'Imana mu mutima wanje, ndababwira ivyo bintu kugira ngo mubone kandi mutahure. Kumbure ko mutari kubimenya iyo ntabibabwira. Murabihunga uyu munsi?

Ubu rero, hamwe n'abari mu gihugu hose, twunamike imitwe yacu.

105 Mana Mukundwa, aha imbere yanje harambitse ibitambara. Abantu bararwaye; ndabirambitseko ibiganza vyanje, kugira uze kubakiza.

Kandi ndizigiye Mwami, uyu mugoroba, ko haza kuba igikorane gihambaye, yuko Ubushobozi bw'Imana buza kuba buri hano, ibimenyetso bihambaye n'utwumiza. Nk'uko twumvise ivyavuye muri ibi bikorane bike biherutse, ese ukuntu ari ibihambaye cane, turavye ivyashitse! Ndasavye, Mana mukundwa, uze kuduha imigabane ibiri kuri uyu mugoroba. Ndabisavye n'umutima ushimitse, Mwami, kubera ari urukundo rwanje kuri WeWe no kw'Ijambo ryaWe, no kuri bano bantu. Biduhe, Mana mukundwa.

Kandi nimba iyo hanze hose mu gihugu, canke na hano kano kanya, hariho abarwaye n'abababaye, bakaba bategerezwa kugenda kuri uno mugoroba, bataza kuba bari hano, canke baza kuba bari hariya mu mashengero canke mu bibanza bahuriramwo; ndasavye uze kubakiza. Ubu rero Mwami, mu gukiza kurengeye ukundi kwose! Niwakiza imibiri yabo iboneka kanseri, igituntu, umusonga, ikintu runaka, bazongera kurwara, ata nkeka, nibaramba, kubera imibiri yabo ikiri musi y'icaha, umuvumo. Ariko reka baronke u - ugukira nyakuri kwa Kimana, ugukira kw'umushaha, kuvamwo icaremwe gisha, gukura mu rupfu kujana mu Bugingo, hanyuma barindirire muri runo rusago rwa kera ugucungurwa kw'umubiri umushaha umaze gucungurwa. Biduhe, Mwami.

Reka bahunge amadini na za nemera. Mana, muri izo za nemera n'ayo madini narahuriyeyo na bamwe muri bene Data beza cane. Kandi, Mana, nobivuga nte kugira babibone, ndabashikane y'aho babona Ijambo? Birangora. Ariko kandi ndazi, yuko Wavuze Uti: "Nta n'umwe ashobora kuza," ntaco bivuze ukwo yoba ari mwiza gute, ukwo yoba uwiyoroheje, umurwaneza, "kiretse Data amuhamagaye. Kandi abo Data YaMpaye bose, bazoza." Kandi Mwami, numva negwa na ntaryo kuvuga Ukuri.

Atari nka kumwe Paulo yavuga ati: "Kuvanga Ijambo ry'Imana n'uruhendo," n'imitegekere y'ikidini iRivanzwemwo, nk'igiti rw'uruvange rw'iciza n' ubwenge, iciza n'ikibi; ariko n'umutima wuguruye na Mpwemu Yera. Biduhe, Mana. Rokora umwe wese.

106 Ubu rero tucunamitse imitwe yacu n'amaso yacu yugaye. Atari kuri jewe… Sinshobora kubivuga muri ubu buryo: "Nta tandukaniro bizana kuri jewe ubikora canke utabikora." Birazana itandukaniro kuri jewe. Ndabakuna. Kandi ndizigira ko mutibaza ko kubera binsaba kuvuga nkaze… Nk'uko Paulo yabivuze: "Nokwipfuje kuba muri mwebwe, maze ngahindura inyifato yanje." Ntikwari kubera atabakunda; yarabakunda. Si… Nk'uko Yesu yategerezwa kubakankamira, hanyuma akabapfira. Murabona, "Data, nubaharire; ntibazi n'ico bariko barakora." Kwibaza, ikiremwamuntu gishaka kugororoka, kandi kigerageza kugororoka, no kubona uwo murwanizi… Uwo niwe ndwanya, uwo yahumishije amaso ya bano bantu.

107 Iri hanga ryategerezwa kururumbishwa n'ubwiza bw'Imana, tubonye ivyashitse muri ryo muri iki gihe ca nyuma, iki ca nyuma. Kuki iyi mivyuro itarashikira ibihugu vya kera? Hano ni ku nkengera yo mu burengero, uburengero bwa kure cane ushobora kuja. Ubu rero intambamyi y'icaha yaturagaye munsi y'isi, none iriko irazama; ibice, na Los Angeles na Hollywood, hagenda hazama amasantimetero menshi buri saha, nta buryo bwo kubihagarika. Egoo, aho niho tugeze. Umwanya n'umwanya tuzumva kwa guhamagarwa. Nimba muzi yuko…

Ubu rero, ntihagire n'umwe araba. Ariko nimba muzi, bivuye mu mitima yanyu… Ndiko ndababaza. Sinshobora kumenya imitima yanyu, kiretse Imana ibihishuye. Ariko kuva mu mutima wawe, hamwe woshobora kubona yuko utari aho wategerezwa kuba uri n'Imana be n'Ijambo ryaYo, mu kwizera, woyidugiriza ukuboko kwawe, ukayibwira uti : "Mwami, nUmfashe." Ôo Mana ! Uhereye muri rino shengero, ryuzuye, ryuzuye, hirya no hino ku mpome, imbere no hanze, mu vy'ukuri hari amajana

y'amaboko, kumbure amaboko nk'amajana abiri yadugijwe. Murakoze kubwo ubwizigirwa bwanyu.

108 Yesu Mukundwa, ntureke ngo hagire n'umwe atakara. Nk'umukozi waWe, ahagaze hagati y'abariho n'abapfuye, abereka n'urutoke, Ijambo ry'Imana. Sinshobora kubarokora, Mwami, ariko baragomba kurokoka. Kandi Data, nk'uko nabivuze kenshi, izuba riseruka mu gatondo; kandi mu gihe riza kw'isi, riba rirungitswe n'Imana kugira ryeze urutete, ritange imfungurwa zisanzwe ku buzima busanzwe. Ariko Ôo, Mana, Wavuze Uti : "Ku bubaha Izina ryaYo, Izuba ry'ubugororotsi rizobarasira rifise ugukiza mu mababa yaRyo." Reka iryo Zuba ry'ubugororotsi, Ijambo ry'Imana, rirasire mu mitima y'abantu, kandi imishwarara ikiza y'ukwizera iri Jambo ikize buri mugarariji wese agarariza iri Jambo, bibashikane ku kunengesera kw'abahungu n'abakobwa b'Imana.

Ni abaWe, Mwami. Mw'Izina rya Yesu Kristo, baba abari hano no hiyo hanze, ndakweretse abo baKudugirije amaboko kubwo agakiza k'imishaha yabo. Amen.

Aho umushaha wanje uzamuwe uzoronkera (Hehe? Kuri kino gicaniro.)
Uburuhukiro hakurya…(mu kwizera ndiko ndaraba hariya hakurya iyo ndiko ndaja)
Hafi y'umusaraba, (aho niho Ijambo rimanitswe)…umusaraba,
Umbere ubwiza Ibihe vyose;
Kugeza aho umushaha wanje uzamuwe
uzoronkera uburuhukiro hakurya y'uruzi.
Yesu, nzigama… …(Ni kuvuga, kubambanwa naWe, nta na kimwe ngomba c'isi.
Ngumiza ku musaraba.")
Hariho isoko nziza,
y'ubuntu kuri bose, Umugezi ukiza,
Utemba uva mw'isoko y'i Kaluvariyo.
Ku musaraba, ku musaraba,
hambere ubwiza (dushire amaboko yacu hejuru) ibihe vyose;
Kugeza aho umushaha wanje uzamuwe uzoronkera
Uburuhukiro Hakurya y'uruzi

109 [Mwene Data Branham avuganye n'abanyamuziki - Umw.] "Ndashobora kwumva Umukiza ampamagara."

Gorora ukuboko ufate ukuboko kw'uwundi, uvuge uti: "Imana iguhezagire, Mukristo."

[Mwene Data Branham yongeye kuvugana n'abanyamuziki -Umw.] "Ndashobora kwumva Umukiza ampamagara."

Murumva Ukuba hano kwiWe? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." - Umw.]

Hiyo hanze ku badukurikiranira ku materefone, nimuramukanye hiyo, muvuge muti: "Imana iguhezagire, Mukristo."

110 Murazi, aho inyuma hariho ikidengeri c'amazi. Iriko iratoranya ihanga ryambaye Izina ryaYo. Nturabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo kubwo guharirwa ivyaha, hariho ikidengeri, hariho amakanzu, hariho n'umuntu ahagaze yiteguye. Murahaze ikaze, nimba vy'ukuri mwemeye Yesu nk'Umukiza wanyu kandi mukaba mwizeye yuko ibi ari Ukuri.

Mwibuke, ntihigeze kubaho umuntu n'umwe muri Bibiliya, canke igihe na kimwe, imbere y'ukwitunganya kw'ishengero Katolika, yigeze kubatizwa mu bundi buryo na bumwe atari mw'Izina rya Yesu Kristo. Nta na hamwe tubona mu Vyanditswe, canke muri kahise, aho hari umuntu yigeze kubatizwa, mw'Ishengero ry'Imana nzima, mw'Izina ry'ivyubahiro vya "Data, Mwana, Mpwemu Yera." Ni umutegekere w'igikatolika, si inyigisho ya Bibiliya.

111 Igihe kimwe nariko ndavugana n'umupatiri, nca ndabimubaza. Aca avuga ati: "Ivyo ni vyo. Ariko turi ishengero ; turashobora guhindura ico tugomvye cose. Umugirwa uri mw'ishengero. Imana iri mw'Ishengero ryaYo."

Nca mvuga nti : "Imana iri mw'Ijambo ryaYo. Kandi nimba ishengero riri…" Mvuga nti : "Imana ni Ijambo. Kandi nimba ishengero rinyuranije n'Ijambo, aho rero je sinizera iryo shengero."

Ndareka buri jambo ryose ry'umuntu rikaba ikinyoma, yaba umupatiri, papa, uwo yoba ari wese, Ijambo ry'Imana rikaba Ukuri.

Paulo nawe yahamagarira buri muntu wese, ukwo yaba yarabatijwe kwose, abaye atabatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo, kuza no gusubira kubatizwa kandi.

Kandi n'inyuma y'aho bamwe bari bamaze kuronka Mpwemu Yera, Petero yavuze ati: "Twoshobora kwima amazi, abaronse Mpwemu Yera," Ivyakozwe 10:49, " abaronse Mpwemu Yera nkatwe ku…" Yaciye abategeka ati: "Imbere yuko muva hano, n'ubwo mwaronse Mpwemu Yera, ngwino mubatizwe mw'Izina

rya Yesu Kristo.”

Kuko, Petero yari yahawe urupfunguruzo rw'Ubwami, amubwira ati: “Ico uzoboha cose kw'isi, naNje Nzokiboha mw'Ijuru.” None urupfunguruzo rukora iki? Rwugurura ikintu kanaka, ibanga.

112 Igihe Yesu nawe yavuga ati: “Nimugende, mubabatize mw'Izina rya Data, Mwana, Mpwemu Yera,” abishira aho kugira ahumishe uwutizera.

Nimwitegereze! Kuber'iki ivyo Petero atabishize mu ngiro ijambo ku rindi? Yategerezwa gukora artyo

Iyo umuntu abatijwe mu matazirano, “Data, Mwana, Mpwemu Yera,” ntaba arigera abatizwa namba; nta Zina agira. *Data* si izina, *Mwana* si izina, na *Mpwemu Yera* si izina. Mpwemu Yera ni Ico Iri ; nk'uko ndi umuntu. Ni Mpwemu Yera.

*Data* ni itazirano ; ndi data. *Mwana* ni itazirano ; ndi umwana. *Umuntu* ni itazirano ; ico nico ndi. Ariko izina ryanje ni William Branham.

Izina rya Data, Mwana, Mpwemu Yera naryo ni Izina rya “Yesu Kristo.” Yesu yavuze ati: “Naje mw'Izina rya Data.” Izina rya Data ni Irihe? Umwana wese aza mw'izina rya se. Izina rya Data rero ni Yesu Kristo. Murabona? Murabona ico nshaka kuvuga?

113 Hamwe nokubwira kuja hariya kunzanira ikintu kanaka aho batorera amahera, mw'izina ry'umukuru w'igisagara. Ni bangahe bazi umukuru w'igisagara uwo ari we? Umugenzi wanje mwiza, Rich Vissing. Vyiza, ntiwogenda hariya hanyuma ng'uvuge ngo: “mw'izina ry'umukuru w'igisagara.” Uvuga uti: “Mw'izina rya Richard Vissing.” Mwebwe bantu ba hano I Jeffersonville murazi uwo ari we.

Kandi nico gituma yavuze ati: “Data, Mwana, na Mpwemu Yera.” Muri We hari Ubumana, ukunengesera kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri. Yavuze ati: “Mubabatize mw'Izina rya Data, Mwana, Mpwemu Yera.”

Petero ahagaze hariya afise impishuro imwe Yubakako Ishengero, y'Ico yari Ari, yavuze ati: “Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe, abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo.” Kandi nta na rimwe… Impfunguruzo zarazungurutse mw'Ijuru no kw'isi. “Nta rindi Zina munsi y'Ijuru ryahawe abantu iryo ukwiye gukirizwamwo.”

114 Kubera iki ubatiza mw'Izina rya Yesu Kristo? Kubwo guharirwa ivyaha. “Abo muzoharira ivyaha bose, bazoba babihariwe.” Murabona? Ariko igihe mubona yuko atabereye kandi adakwiriye kubatizwa, ntimubikore. Kuko mubikoze, biba biheze, murabona. Muratahura ico ngomba kuvuga?

Ndashobora kwumva Umuk…(Ijambo) ampamagara (ampamagarira hariya mu mva)
Ndashobora…(“Ntushaka gupfana naNje, kugira uzuranwe naNje?”)…kiza ampamagara,
Ndashobora kwumva Umukiza wanje ampamagara (mbega isi izovuga ngw'iki?)
“Fata umusaraba wawe, ukurikire, ukurikire…”

Ubu naho, nimba utarabikora:

Aho We (We ni Ijambo) anjana nda…( ikidengeri co kubatirizwamwo kiri harya)
Aho anjana ndakurikira
Aho anjana ndakurikira,
Nzojana naWe, hamwe naWe inzira yose.

Mana Mukundwa, ikidengeri kirateguye.

115 Mana Mukundwa, ikidengeri co kubatirizamwo kirateguye. Ubu rero vugana n'imitima, Mwami. Reka bumve Kristo, Ijambo, abahamagara, kandi bajane naWe mu nzira yose.

“Nzojana naWe mu murima. Nzojana naWe ku kidengeri co kubatirizamwo. Nzotwara Izina ryiWe. Ngomba umwe wo muri abo bantu Ariko arahamagara kubw'Izina ryiWe. Ndizeye Ijambo ryiWe. Nzokurikira. Sinzokwigera nivayanga n'isi. Nzoba Umugeni mwizigirwa arehejwe. Sinzosiga ku ruhande n'akanyuguti na kamwe k'Ijambo ryiWe. Ku bisabwa vyose, Umugeni nyawe, w'ukuri. Ivyo azonsaba gukora vyose, nzobikora.”

“Nimba Umugabo ngiye kuronka ashaka yuko ndeka imishatsi yanje ikure, nzobikora. Nimba agomba yuko nkurako ibi birangi vyose, nzobikora. Nimba ashaka…Ambwiye ko ari impwemu mbi, ya wa murwanizi ndiko ndivayanga nayo, hamwe n'izi mpuzu zisa n'iz' urushirasoni; nzobikora, nzozikura. Sinitayeho ico uwundi muntu wese avuga, nzozikura.”

“Ashatse ko mva mw'uwo murwi ndimwo, w'abatizera, nzobikora; naho ari ho nca umukate, canke ico ari co cose. Yarasezeranye yuko atazigera anta canke ampebe. Nzo - nzobikora. Nzojana naWe mu nzira yose. Agomba ko mbatizwa mw'Izina, nzobikora.”

Mwami, Warabisezeranye hano mw'Ijambo ryaWe, ivyo nivyo Washatse. Reka umuntu wese abibone, Mwami, kandi avyubahe mu bwiyoroshi, no kwicisha bugufi. Nsenze mw'Izina rya Yesu. Amen.

116 Muri ab'Imana. Imana nifate ayo majambo acagaguye ayagire ay'ukuri kuri mwebwe, niryo sengesho ryanje rivuye ku mutima.

Ikidengeri co kubatirizamwo kiza kuba giteguwe. Umuntu wese agomba kuza, barafise… Umukozi w'Imana araza kubimenyesha mu nyuma gato. Uwo ari we wese yihanye akaba agomba kubatizwa, hakoreshejwe Izina rya Yesu Kristo, uce uza ubwo nyene. Vyose birateguwe. “Vyose birateguwe.” Ikintu ico ari co cose dushobora gukora kugira tugufashe kubaho kubw'Imana, turi hano kugira ngo tugikore. Imana ibahezagire.

Ubu rero reka duhaguruke. Ubu rero ya ndirimbo yacu ngufi, *ndaMukunda*. “NdaMukunda kuko Yabanje kunkunda.” Reka tuyiririmbe, twese hamwe ubu.

NdaMukunda,…

Reka tuduze amaboko yacu mu gihe turiko turayiririmba.

…NdaMukunda
Kuko yabanje kunkunda
Yigura agakiza kanje
Ku giti c'i Kaluvariyo.

Mu gihe imitwe yacu n'imitima vyunamitswe kano kanya, reka tuyihibongoze. [Mwene Data Branham atanguye guhibongoza *NdaMukunda* - Umw.]

NdaMukunda.

[Mwene Data Branham abandanije ahibongoza *NdaMukunda* - Umw.]

Ôo, Mana, Data wa twese, tugirire imbabazi twebwe ibiremwa bigorwa, Mwami. Dukomeze kubw'igikorwa kiri imbere yacu. Mfasha, Ôo Mana, mfasha! Ndumva yuko hari ikintu kanaka kiri ng'aha, Data. Numfashe, Ôo Mana, kumenya Ukuri. Hezagira aba bantu, Mana mukundwa. Ubarongore, ndabisavye, mw'Izina rya Yesu.

Rero mu gihe tucunamitse imitwe, ngomba nsabe umwungere hano, mwene Data Neville, mwene Data wacu w'igiciro, yegerewe hano avuge ivyo agomba kuvuga, ku bijanye na...ku bijanye n'umubatizo. Kumbure ko nza kubitangaza. Ndibaza ikidengeri kiruguruye,ukwo biri kwose.

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7